Australian Government

# Ubwene Gihugu bwa Australia

## Ikidushira Hamwe

Inkuru zose ukeneye kugira ngo usabe ubwene gihugu bwa Australia ziri muri iki gitabu. Ntusabwa kugura canke kuronka ibindi bintu bivuye ku muntu uwo ari we wese canke irindi shirahamwe iryo ari ryo ryose kugira go ushobore gukora ikibazo kiguha ubwene gihugu. Igisata ntigishigikira cake ngo cemere ikindi kintu ico ari co cose cemeza ko kizogufasha kugira ngo umenye ikibazo kiguha ubwene gihugu.

© Commonwealth of Australia 2020

Ndetse ubutunzi busangiwe n'igisirikare, ibintu vyose vyashizwe aha hagaragara vyisunze ivyumvikanyweko 4.0 bitanze uburenganzira mpuzamakungu dusanga kuri https://creativecommons.org/licenses/by/4.0/legalcode.

Ibi bisigura yuko uru ruhusha rukoreshwa gusa ku bintu vyanditswe muri iki gitabu.

Ido n'ido ry'ibisabwa muri urwo ruhusha turisanga ku rubuga ngurukanabumenyi rw'ibisangiwe aha hakurikira https://creativecommons.org/ nk'uko biri mw'itegeko ryose rya CC BY 4.0 uruhusha kuri
https://creativecommons.org/licenses/by/4.0/legalcode.

**Ikoreshwa ry' igisirikare**
Amajambo y'igisirikare ashobora gukoreshwa yasiguwe mu gisata c'umushikiramganji wa mbere hamwe n'urubuga ngurukanabumenyi bwa Reta kuri-
https://www.pmc.gov.au/government/commonwealth-coat-arms.

**Turonderere kuri**
Kubaza ibijanye n'uruhusha hamwe n'ikoreshwa iryo ari ryo ryose ry'iki kintu birahawe kaze kuri:
Ibijanye N'ibinyamakuru hamwe
N'Urwego Rw'Icemezo Igisata C'intwaro yo hagati mu gihugu PO Box 25
BELCONNEN ACT 2616

**Ico duhakanye**
Abasangwabutaka na Torres Strait Islander basoma baragabishijwe yuko ibi vyashizwe ahabona birimwo amashusho hamwe/canke ibindi bintu bijanye n'abantu bapfuye.

# Ibirimwo

Ubutumwa kuri wewe 2

## Ikigabane co gusuzuma

Igice ca 1: Australia n'abantu bayo 7

Igice ca 2: Ivyizerwa vya Australia vya Demokarasi, uburenganzira n'imyidegemvyo 17

Igice ca 3: Reta n'Amategeko muri Australia 23

Igice ca 4: Uburangamutima bwa Australia 33

Insiguro y'amajambo agoye ku kigabane c'ugusuzuma 40

## Ikigabane kitajanye n'ivyo umuntu abazwako

Igice ca 5: Australia y'iki gihe 48

Igice ca 6: Inkuru ya Australia yacu 63

Insiguro y'amajambo agoye ku kigabane kitabazwako ibibazo 84

Ku zindi nkuru zirengeye izi ronderera kuri 86

Ivyemezo 88

# Ubutumwa kuri wewe

Urakejwe kubera wahisemwo kuronka ubwene gihugu bwa Australia Bisaba ukwihata, umwete, no kwitanga kugira ngo ushobore kuba mu gihugu gishasha kandi ugire uruhara ruzuye muri ico gihugu nk'umwene gihugu. Turaha agaciro intererano yawe ku kibano cacu c'amahoro kirangwa na na demokarasi.

Ubwene gihugu bwa Australia ni intambuko ikomeye mu nkuru yawe yo kwimuka. Kuba umwenegihugu wa Australia bisigura yuko wiyemeje kuguma witangira Australia hamwe n'uburangamutima dusangiye. Vyongeye ni intango yawe y'ukuba umunywanyi w'ikibano ca Australia. Ni intambuko izogushoboza kuvuga uti "Ndi uwo muri Australia"

Ubwenegihugu bwa Australia ni agateka gatanga uburusho bwinshi. Iyo uronse ubwenegihugu bwa Australia, uba wifatanije n'ikibano c'igihugu kidasanzwe. Igihugu cacu cubatswe ku ntererano z'abasangwabutaka bacu n'abantu bitwa aba Torres Strait Islander, inzego za demokarasi twarazwe n'Ubwongereza, hamwe n'abimukira bakomotse mw'isi yose. Turanezerererwa ubu budasa bwacu, kandi vyongeye tugeragez a gukorera hamwe n'ukubana ata wandya wangura.

Inguvu z'ikibano ca Australia ni uko dukorera hamwe mu gutorera umuti ingorane kandi tugaha ishusho intumbero kazoza ka Australia. Ukugene Reta yacu yubatse ntigukunda guhungabana, kandi Abenegihugu ba Australia barubaha abaganza n'amategeko ya Reta. Ukudahungabana kwacu, umuco kama wacu n'amategeko yacu vyahawe umushinge na kahise kacu. Wemeye kwifatanya n'ikibano ca Australia, uzoba wongeye ikintu ku nkuru ya Australia kandi uzoba ufise uruhara mu kwubaka kazoza kayo

Australia ni igihugu ca kera. Kiragutse kandi kirisa. Ni igihugu kigizwe n'amashamba arwamwo imvura kandi kkagirwa n'ibiti, kikagirwa n'inkengera z'ibiyaga kandi kikaba kirimwo ubugarwa, ibisagara n'amatongo ndimwa. Imico yacu kama twisangije ni yo mico yacu ya kera yabandanije mw'isi. Vyongeye turi igihugu kitamaze igihe kirekire, igihugu kigizwe n'abimukira. Ab' I Bulaya batanguye kwimukira muri Australia mu mwaka wa 1788 kandi tubandanya twakira abimukira ino bashasha.

Abantu bakomoka mu bihugu birenga 200 bahisemwo ubwenegihugu bwa Australia. Ingaruka z'ivyo, ni uko ikibano cacu gitandukanye n'ibindi bibano vyose vyo mw'isi yose. Australia yarageragej e uburyo bwose bushoboka gushira hamwe amoko atandukanye n'imico kama itandukanye mu gihugu kimwe. Ubwenegihugu ni wo muhivu utubohera hamwe twese.

Australia ni Demokarasi Ubwenegihugu buguha uburenganzira bwose bwo kwubaka igihugu cacu kirangwa na Demokarasi. Bisigura yuko witeguye gukora ivyo amategeko agusaba nk'umunywanyi yemewe n'ikibano ca Australia. Abanya Australia barizera uburangamutima busangiwe nk'agateka, umwidegemvyo w'umuntu wese, amahirwe angana kubagabo nabagore, hamwe n'ukuganza kwisunze amategeko. Kuba umwene gihugu wa Australia ni ugushira mu ngiro ubwo buranga mutima mu buzima bwa misi yose.

# Kuba umwenegihugu wa Australia.

Kuba umwenegihugu wa Australia ni ingendo ikomeye aho umuntu yemera kwifatanya n'igihugu ca Australia hamwe n'abanya Australia, kandi agaca aronka uburenganzira bwiwe ahabwa no kuba umunya Australia n'ibindi vyose bisabwa k'umwene gihugu cacu.

## Ikibazo c'ubwenegihu bwa Australia.

Ikibazo c'ubwenegihugu bwa Australia cagenewe gusuzuma nimba ufise ukumenya guhagije kwa Australia uburyo bwayo bwa demokarasi ivyizerwa n'uburangamutima, uruhara n'igikorerwa n'uturusho two kuronka ubwenegihu.

Ubwenegihugu buri mu mashini nyabwonko, ibibazo vyinshi uhitamwo kimwe, mu Kingereza. Ico kibazo kigizwe n'ibibazo 20 vyapfuye gutorwa kandi kuva italiki 15 Munyonyo 2020, hazokwongerwamwo ibibazo bitanu bijanye n'uburangamutima bwa Australia.

Kugira ngo umenye ico kibazo, utegerezwa kwishura ibibazo bitanu vyose vyerekeranyhe n'uburangamutima neza, n'imiburiburi uronke amanuta ashika kuri 75% muri vyose.

Ibibazo vyerekeranye n'ubwenegihugu bikorerwa mu gisata c'ibiro vy'intwaro yo hagati mu gihugu biri muri Australia. Ibibazo vyongeye bikorerwa mu micungararo myinshi iri mu turere twa Australia hamwe no mu buserukizi bw'igihugu buri mu bindi bihugu

## Kwitegurira gukora ikibazo c'ubwenegihugu bwa Australia

Kugira ngo witegurire kwishura ikibazo c'ubwenegihugu usabwa gusoma iki gitabu, *Ubwenegihugu bwa Australia: Ikidushira hamwe.*

Iki gitabu urabiramwo kirafise ikigabane co kubzako n'ikigabane co kutabazako.

### Ikigabane co kubazako

Inkuru zose ukeneye kumenya kugira ngo ukore ikibazo kiguha kuronka ubwenegihugu ziri mu bice bine vya mbere vy'iki gitabu:

- Igice ca 1— Australia n'abantu bayo
- Igice ca 2 — ivyizerwa vya demokarasi vya Australia, uburenganzira n'imyidegemvyo
- Igice ca 3 —Reta n'amategeko yo muri Australia
- Igice ca 4— Uburangamutima bwa Australia

Uzotegerezwa kumenya no gutahura ibiri mu kigabane uzobazwako kugira ngo ushobore kwishura ibibazo biguha uburenganzira bwo kuronka ubwenegihugu.

### Ikigabane kitarimwo ivyo uzobazwako

Ikigabane kigize ivyo utazobazwako gifise inkuru ngirakamaro zigufasha gutahura kahise hamwe n'umuco kama wa Australia Ibiri muri ico kigabane ntuzobibazwako.

- Igice ca 5 — Australia ya kino gihe
- Igice ca 6 — Inkuru ya Australia yacu

### Ibibazo vyo gushira mu ngiro

Ku mpera y'ikigabane ubazwako, hariho ibibazo 20 vyo gushira mu ngiro bizogufasha kwitegurira ikibazo kiguha ubwenegihugu.

### Insiguro z'amajambo agoye

Hariho insiguro y'amajambo agoye (urutonde rw'amajambo ngenderwako n'insiguro yayo) ku mpera y'ibigabane vyo kubazwako n'ibigabane bitari ivyo kubazwako.

### Izindi nkuru

Ku mpera y'igitabu uvomamwo ivyo ukeneye, urashobora gusangaho impanuro zerekeranye n'aho ushobora kuronka izindi nkuru utakuye muri ico gitabu.

### Imfashanyo igihe uba uriko urakora ikibazo kiguha uburenganzira bwo kuronka ubwenegihugu

Twitega yuko abarondera ubwenegihugu bwa Australia benshi baba bazi gusoma no kwandika bibashoboza kwishura ibibazo vyerekeranye n'ukuronka ubwenegihugu batarinze gufashwa. Ubuhinga bw'igisomwa – no kuvuga, ushobora gukoresha mu kwumviriza ibibazo hamwe n'uguhitamwo inyishu, na bwo nyene burahari.

### Inyuma y'ikibazo ukora kugira ngo uronke ubwenegihugu

Iyo umenye ico kibazo, tuzoca tubandanya gutunganya ico gisabo cawe. Iyo ico gisabo cawe cemewe kandi ugasabwa kuza mu birori biguha ubwenegihugu, uzohabwa icete kigutumira kugira ngo uze muri ivyo birori. Mu bisanzwe, ivyo birori vyawe bizoba mu mezi atandatu guhera igisabo cawe cemewe.

# Isezerano ry'ubwenegihugu bwa Australia

Ni ngirakamaro ku banya Australia bose gutahura uruhara rwacu n'inyungu hamwe n'ico bisigura kuba umwenegihugu, tuba Abanya Australia kubera twahavukiye canke kubera twabihisemwo. Ibi ni ngirakamaro cane kugira ngo igihugu cacu kibandanye gitera imbere.

Igihe uzoba ugiye mu birori vy'ubwegihugu bwa Australia, uzoca urahira indahiro y'ubwenegihugu bwa Australia.

Mu gukora gurtyo, uba ushinze intahe ko ubaye umu nya Australia isinzi rikoranye ko wemeye uruhara rwawe n'uburenganzira bwabanyagihugu.

Iyi ni yo ndahiro uzosezerana

***Guhera uyu musi, mw'izina ry'Imana****

***Ndarahiye ko ntazohemukira Australia n'abantu bayo,***

***Iyo ivyizerwa vyayo vya demokarasi dusangiye,***

***Iyo uburenganzira bwayo n'imyidegemvyo nubaha, kandi***

***N'amategeko yayo nzokwama numvira kandi nubaha.***

* umuntu arashobora guhitamwo nimba akoresha ijambo 'mw'izina Imana' canke ntarikoreshe.

Uko usoma iki gitabu, uzotahura vyinshi vy'insiguro iri inyuma y'iyi ndahiro n'ingene ushobora kugira uruhara n'igikorwa mu kibano ca Australia.



# Ibirori vy'ubwenegihugu bwa Australia

Ibirori vy'ubwenegihugu bwa Australia bishobora kuba bito, bigizwe n'abantu bakeya, canke birashobora kwegeranya abantu benshi, bashika ku majana mbere n'ibihumbi. urwego rw'ibishobisho n'ivyishimo mu benegihugu bashasha n'abategetsi bituma biba ibirori bihimbaye

Mu ntango y'ibirori vy'ubwenegihugu, urashobora guhabwa ikaze n'umuserukizi w'abasangwabutaka n'aba Torres Strait Islander ari bo bazwi ko batanguye kuba bene igihugu mu gace uherereyemwo Uku guhabwa ikaze kwaragizwe kuva kera n'imvukira z'aba nya Australia bavukiyeho mu myaka ibihumbi n'ibihumbagiza. Uzokwumva amajambo y'ukuguha ikaze n'ukugutera intege, gukomotse ku bandi barongozi bo mu kibano cane canke abaserukiye Reta.

Uzosoma canke usubiremwo amajambo y'indahiro y'ubwenegihugu bwa Austrralia uri kumwe n'abandi bantu na bo bahisemwo ubwenegihugu bwa Australia. Iki ni co gice gikomeye c'ibi birori. Ntuzokwigera uba umwenegihugu wa Australia utararahira iyo ndahiro ko wishikaniye igihugu ca Australia.

Urahawe ikaze kuzana igitabu ceranda canke ivyanditswe igihe uzoba uriko urarahira iyo ndahiro, ariko si ngombwa ko ubikora.

Abarongozi bakomoka mu kibano cawe canek abaserukira Reta bazotanga amajambo matoya ku nsiguro y'ubwenegihugu. Uzoronka urupapuro rw'ubwenegihugu bwa Australia kandi urashobora no kuronka vyongeye Ingabire ntoya ivuye mu kibano. Uwo ari we wese azoririma "terimbere nk'umuzinga Australia" ururirimbo ruhayagiza igihugu ca Australia. Inyuma y'ibirori vy'ubwenegihugu, uzoronka akaryo ko guhura n'abandi no kunezeanwa na bagenzawe b'aba Australia.

Tukwipfurije ugutera imbere kugira ngo uhindike umwegihugu ca Australia kandi no mu gukwirikirana igihugu c'amahoro n'ubuzima buteye imbere.

## Ku zindi nkuru

Ronderera ku rubuga ngurukanabumenyi rw'ubwenegihugu bwa Australia kuri www.citizenship.gov.au.





# Intango y'ikigabane ca co kubazwako



# IKIGABANE CA MBERE

## Australia n'abantu bayo

# Australia n'abantu bayo

Mu birori vy'uguhabwa ubwenegihugu, urahira ko uzokwitangira Australia n'abantu bayo. Ni ngirakamaro rero kuri wewe gutahura ikibano cacu co muri Australia n'ababa muri Australia, harimwo n'ivyo twarazwe N'abasangwabutaka. Ni ngirakamaro vyongeye ko utahura kahise ka Australia n'ukugene twagiye dutera tuja imbere tukaba igihugu giteye imbere kitarimwo intambara mu gihugu c'ubutandukane bw'imico kama.

Muri iki kigabane, uzosomamwo bimwe mu vyabaye vyaterereye mu nkuru yacu. Hariho inkuru yerekeranye n'ibihugu n'intara, imigenzo n'ibimenyetso twishimira bitandukanije Australia n'ibindi bihugu.

## Abasangwabutaka n'aba Torres Strait Islander.

Abantu ba mbere babaye muri Australia ni Abasangwabutaka n'aba Torres Strait Islander bagumanye akaranga n'imico n'imigenzo ya kera mw'isi yose.

Muri kahise, Abasangwabutaka ni bo baba mu gihugu ca Australia n'I Tasmania. Ibisigarira vy'ivyimbwe birerekana yuko abasangwabutaka bashitse muri Australia hagati y'imyaka 65,000 na 40,000 iheze, yamara, abasangwabutaka bibaza bizera yuko ari bo bagize inkuru z'irema z'iki gihugu, kandi inkuru zabo z'irema ry'iki gihugu, n'inkuru z' iremwa ryabo zihera ubwa mbere na mbere mu ntango y'ibihe. Aba Torres Strait Islander bakomotse mu bizinga hagati mw'isonga rya ruguru ryo muri Queensland na Papua New Guinea.

Abasangwabutaka n'aba Torres Strait Islander bafise ivyizerwa vyo mu myaka ya kera n'imigenzo ikibaranga na bugingo n'ubu. barifatanya cane n'itongo, kandi bigaragarira mu nkuru zabo, mu tugenegene no mu ntambo. Imico kavukire iratandukanye kandi igize igice gikomeye c'akaranga k'igihugu ca Australia.

Izindi nkuru zerekeranye n'abasangwabutaka n'aba Torres Strait Islander dushobora kuzisanga mu *gice ca 5, Australia y'iki gihe* na *Igice ca 6, Inkuru yacu ya Australia* .

## Imisi ya mbere y'abanyaburaya bagerereye muri Australia

Abanyabulaya batanguye kuza gutura ino "igihe ubwato bwa mbere "11 bwari butwaye abagiriwe n'ivyaha, bwashika buvuye mu Bwongereza italiki 26 nzero 1788.

Muri iki gihe amategeko y'Ubwongereza yari akaze cane kandi ubusho ntibwashobora kwakira inkozi z'ibibi zose z'impfungwa zari zipfungiwe ivyaha zakoze. Kugira ngo batorere umuti ico kibazo, reta y'Ubwongereza yahisemwo gutwara abo bagira ivyaha mu kindi gice c'isi: igihugu gishasha bari bigaruriye co muri New South Wales.

Buramatari wa mbere w'ico gihugu ca New South Wales yari Captain Arthur Phillip. Ico gihugu carashoboye kubandanya, kandi uko abaje gutura muri ico gihugu n'abagirijwe ivyaha bashika, ico gihugu carakuze kandi kiratera imbere. Ibindi bihugu bigaruriye birashingwa mu bindi bice vya Australia.

Abaje gutura muri ivyo bihugu ba mbere baje bavuye mu Bwongereza no muri Ireland. Iragi ry'abongereza na Irish ryaragize ingaruka nini kuri kahise ka vuba ka Australia, ku muco no kuri politike.

Mu mwaka wa 1851, "ukwirukira inzahabu" kwaratanguye igihe inzahabu yatorwa mu bihugu bigaruriye vya New South Wales na Victoria. Abantu bava mw'isi yose baraje muri ibi bihugu igihe bariko barageregeza kurondera ubutunzi bwabo. Abantu bo mu bushinwa bashika muri iki gihe baribo mugwi mukuru wa mbere w'abimukira badakomoka mu bulaya. Mu myaka cumi, abanya Australia barigwije n'incuro zirenga zibiri.



# Igihugu ca Australia

Mu mwaka wa 1901, ivyo bihugu bitandukanye vyatwagwa n'Abongereza vyishize hamwe vyiyita Commonwealth ya Australia. Muri ico gihe ni bwo hashizweho inzego z'igihugu za demokarasi, harimo n'inama shinga mateka, guverinoma n'Urukiko Rukuru hashingiwe ku Itegeko Nshinga rishasha rya Australiya. Muri 1901, abantu baba muri Australia bababa imiliyoni zine. Ico gitigiri nticarimwo abasangwabutaka n'aba Torres Strait Islander, kuko gushika inyuma ya referendum y'umwaka wa 1967 ni ho bagiye kwongerwamwo mu giharuro c'abagize abantu bo muri Australia.

Mu gice ca mbere cose c'ikinjana ca 20, ukwimukira muri Australia kwarongerekanye kandi kukongera kukagabanuka. Hariho intonde zo guhimiriza Abimukira bo mu Bwongereza kuza kuba ino kandi benshi barabikoze.

Igicec'abimukira Atari Abongereza caje inyuma y'intambara ya Kabiri y'isi yose, igihe amamiliyoni y'abantu I bulaya bategerezwa kuva mu bihugu vyabo. Igice kinini c'ab'I Bulaya caraje muri Australia kugira ngo gitangure ubuzima bushasha

Mu myaka iheze, intonde zacu z'abimukira n'iz'impunzi zazanye abantu muri Australia bavuye mu mihingo y'isi yose. Abantu baje ngaha baje gusanga imiryango yabo, baje gutangura ubuzima bushasha, bahunze ubukene, intambara n'uguhamwa.

Ubudasa bw'abantu baba muri Australia bwagiye burakura muri ibi binjana bibiri vya nyuma. Iki gihugu n'iki kibano gitandukanye kandi giteye imbere gituma Australia igumana imigenderanire n'isi yose. Nubwo duhimbaza ubutandukane bw'abantu bo muri Australia, vyongeye dutumbereye kwubaka igihugu cifashe kandi kigize ubumwe kitagira mwo akajagari.

Ururimi rwa Australia ni Ikingereza Ni ikigize akaranga kacu k'igihugu. Mu kugumana uturangamutima twa Australia, abimukira bakwiriye kwiga ikingereza kugira ngo bibafashe kugira ico batereye mu kibano ca Australia. Kuganira mu Kingereza ni ngirakamaro kugira ngo bashobore kuronka ibibatunga kandi bashobore no gukora muri Australia.

Izindi ndimi na zo nyene zirahabwa agaciro, harimo indimi zirenga 100 zitandukanye zaba Aboriginal na Torres Strait Islander.

# Ibihugu vya Australia n'intara


Commonwealth ya Australia ni ibihugu vyishize hamwe n'intara Hariho ibihugu bitandatu n'intara nkuru nkuru zibiri Canberra ni umurwa mukuru wa Australia kandi igihugu cose n'intara birafise umurwa mukuru wavyo vyisangije.




| Igihugu | Umurwa mukuru |
|---|---|
| New South Wales (NSW) | Sydney |
| Victoria (Vic.) | Melbourne |
| Queensland (Qld) | Brisbane |
| Western Australia (WA) | Perth |
| South Australia (SA) | Adelaide |
| Tasmania (Tas.) | Hobart |
| **Akarere** | **Umurwa mukuru** |
| Akarere k'umurwa mukuru wa Australia (ACT) | Canberra |
| Intara ya Ruguru (NT) | Darwin |

## Ibihugu


**Wales nsahasha y'epfo** ni co gihugu ca mbere catwawe n'Abakoloni b'Abongereza. Sidney ni umurwa mukuru wa Wales nshasha y'epfo kandi ni co gisagara gikuru c'igihugu. Ikiraro co kujabukirako muri Sydney na opera house ni ibintu vy'igihugu bikomeye.



**Victoria** ni co gihugu gito mu bihugu vy'imbere. Umurwa mukuru wa Victoria ni Melbourne. Amazu meza menshi yo muri Victoria yubatswe n'ubutunzi buvuye mu kwirukira izahabu kwo mu myaka ya 1850. Mu bintu vyiza vyo muri Victoria harimwo ikibuga co gukinirako Cricket co muri Melbourne, intumwa 12, n'inyubakwa y'iratiro ry'Ubwami.



**Queensland** ni igihugu ca kabiri kinini. Umurwa mukuru wa Queensland ni Brisbane. Torres Strait Islands iri ruguru y'ighugu kandi Great Barrier Reef rurangiranwa iri mu gice co mu buseruko bw'ikiyaga. Queensland irafise imvura igwa mu mashamba, ibice bishushe vy'iruhande y'ikiyaga kandi kenshi n'ahantu humye imbere mu gihugu.



**Australia yo mu burengero** ni co gihugu kinini. Perth ni co gisagara gikuru co muri Australia yo mu burengero Ubuseruko bw'igihugu ahanini ni ubugararwa, igihe uburaruko bushira ubuseruko ari haryoshe kurima kandi hakura harimwa imizabibu. Ico gihugu kirimwo ahantu henshi bimba amabuye y'agaciro Ibintu bihambaye vyo mu buraruko bwa Australia bigizwe n'inkengera y'ikiyaga ya Ningaloo, uruzi Margaret, n'akarere ka Kimberly.



**Australia y'epfo** ifise umurongo munini w'inkengera y'ikiyaga n'ibice binini rurangiranwa vy'aharimwa imizabibu. Adelaide, umurwa mukuru, hafise uburorero bwinshi bw'inyubako z'igitangaza zubatswe n'Abongereza bari barahigaruriye. Ibintu bikomeye vyo muri Australia y'Epfo bigizwe na Barossa Valley na Flinders Ranges.




**Tasmania** ni co gihugu gito, gitndukanijwe n'isi y'imbere mu gihugu na Bass Strait.Umurwa mukuru wa Tasmania ni Hobart. Henshi imbere mu gihugu hagize n'ubugaragwa butarononekara. Mu bintu bikomeye bigize Tasmania harimwo Cradle Mountain, Port Arthur, na Bay y'imiriro.



## Intara

**Umurwa mukuru w'intara ya Australia** uri hagati ya Sydney na Melbourne. Ni I muhira h'umurwa mukuru w'igihugu, Canberra. Ibigo vyinshi vy'igihugu biri i Canberra, harimwo n'ingoro y'inama nshingamateka na Sentare nkuru ya Australia.



**Intara ya ruguru** ifise ibidukikije nk'ivyo muri tropic amaja ruguru y'igihugu ubugararwa bwumye busa n'agahama mu majepfo. Darwin ni umurwa mukuru. Mu bintu rurangiranwa vyo mu ntara ya ruguru harimwo Uluru, Kata Tjuta na Kings Canyon.





# Imigenzo

## Guhabwa kaze mu gihugu no kwemeza imigirwa y'igihugu

Uguhabwa kaze mu gihugu ni umugirwa w'umuco ugirwa n'umusangwabutaka canke umukambwe w'umu Torres Strait Islander wo mu ntara yo mu micungararo, yakira abashitsi mu gihugu cabo kavukire. Ibi kera vyagirwa kugira ngo abashitsi biyumve ko bari mu mutekano kandi ko urugendo rwabo rukingiwe mu gihe baba bari muri ico gihugu.

Uguhabwa ikaze mu gihugu bishobora gufata inzira nyinshi, harimwo n'indirimbo, intambo, ibirori vyo kwotsa inyama canke amajambo avugwa mu rurimi kavukire canke mu Kingereza.

Uguhabwa ikaze mu gihugu ahanini ni co kintu ca mbere gitangurira ibindi vyose co kwugurura ivyo birori canke uwo musi mukuru.

Kwemeza igihugu ni akaryo ko kumenyekanisha ko iryo koraniro rigiriwe ku butaka bw'abasangwabutaka n'aba Torres Strait Islander; kwubaha abazigamyi b'imigenzo, cane cane abakambwe baja barapfuye, abakiriho; kandi no kwibuka Abasangwabutaka n'aba Torres Strait Islander baba baje muri ivyo birori.

Kumenyekanisha igihugu ahanini bigirwa nk'igice c'ukwakira abantu mu nzu ibirori biriko birberamwo. Uwo ari we wese arashobora kwemeza no Kuvugira Igihugu. Mu makoraniro, /i birori, ibi mu bisanzwe bigirwa n'uwuja aratanga amajambo.

Iyo migirwa igirwa kugira ngo herekanwe ukwubaha Abasangwabutaka n'aba Torres Strait Islander.



# Imisi ikomeye ku ba nya Australia

## Umusi wa Australia

Italiki 26 Nzero umwaka ku mwaka, turahimbaza umusi wa Australia. Umusi wa Australia ni umsi mukuru mu bihugu vyose no mu ntara zose zo muri Australia. Ni icibutso c'ugushika kwa mbere kw'amato yaje ava mu Bwongereza mu mwaka wa 1788.

Kuri uwo musi wa Australia, ibibano muri Australia hose vyiyumvira bigatekereza kuri kahise kacu, n'abantu bagize ivyo baterera mu vyo twashitseko hamwe. Ni wo musi wa mbere mukuru ukomeye muri Australia.

Umusi wa Australia werekeranye n'ukumenyekanisha hamwe n'uguhimbaza intererano umunya Australia wese yagize mu gihugu cacu gitera kija imbere: guhera ku Basingwabutaka n'aba Torres Strait Islander—babaye ngaha muri iki gihugu haguf y'imyaka 65,000—kuri abo babaye hano mu runganwe rwinshi rwagiye rurakurakuranwa, n'abo bose baje bava mu mfuruka zose z'isi yose bakita muhira igihugu cacu. Umunsi wa Australiya urangwa n'ibirori muri Austaraliya, harimo n'imihango idasanzwe y'ubwenegihugu.

Muri ico gihe c'uguhimbaza umusi wa Australia, umushikiranganji wa mbere atangaza udushimwe tw'umwaka duhabwa abanya Australia i Canberra.

## Umusi wa Anzac

Umusi wa Anzac uzihizwa italiki 25 Ndamukiza umwaka ku mwaka. Umusi wa Anzac witiriwe abasirikare ba Australia na New Zealand, bashitse I Gallipoli muri Turikiya mu gihe c'intambara ya mbere y'isi yose italiki 25 Ndamukiza 1915.

Umusi wa Anzac ni umusi rurangiranwa igihe twibuka ukwitanga kw'abanya Australia bose bapfuye mu ntambara, intureka no mu bikorwa vyo kugarukana amahoro. Vyongeye duha icubahiro umwete, ubwira n'ukwitanga kw'abasirikare bose abagabo n'abagore kandi tukiyumvira ku nsiguro nyinshi z'intambara zitandukanye.

Inkuru zerekeranye n'imisi y'igihugu ikomeye n'ibirori vyayo tubisanga ku igice *ca 5, Australia y'iki gihe.*.

# Amabendera ya Australia

Ibendera y'igihugu ca Australia ni ibendera ryemewe ry'igihugu cacu. Amabendera yacu azwi yemewe kandi ashobora kuduzwa mu kibano agizwe n'aya ibendera Ry'abasangwabutaka n'irya aba Torres Strait Islander

Igihugu cose n'intara yose kirisangije ibendera, dushobora kubona ku rupapuro rwa 11.

## Ibendera y'Igihugu ca Australia

Ibendera y'Igihugu ca Australia isa n'ubururu, irera kandi isa n'amaraso

- 'Union Jack' ni ibendera ry'Ubwongereza riri mu mfuruka yo hejuru mu kubamfu. Ihagarariye kahise kacu k'abongereza bagerereye ino n'amategeko n'inzego twarazwe nkigisubizo.
- Inyenyeri ya Commonwealth iri musi ya Union Jack. Iyi nyenyeri ifise amasonga ndwi, isonga ryose rihagarariye ibihugu bitandatu n'isonga rimwe rihagarariye intara.
- Umusaraba wo hepfo, uri mu buryo, ni umurwi w'inyenyeri ushobora kuboneka mu kirere c'epfo.



## Ibendera ry'abasangwabutaka ba Australia

Ibendera ry'abasangwabutaka ba Australia ririrabura, risa n'agahama kandi risa n'umuhondo.

- Igice co hejuru kiri rabura kandi giserukiye abasngwabutaka bo muri Australia.
- Igice co hasi gisa n'agahama, giserukiye isi, kandi gifise insiguro y'imisi mikuru.
- Umuzingi w'umuhondo userukiye izuba.



## Ibendera rya Torres Strait Islander

Ibendera rya Torres Strait Islander risa n'icatsi kibisi, ubururu, ririrabura kandi rirera.

- Ivyo birongo vyera bihagarariye igihugu.
- Ico gice c'ubururu kiri hagati gihagarariye ikiyaga.
- Imirongo yirabura ihagarariye aba Torres Strait Islander.
- Ibitsibo vyera vy'abatamvyi biri hagati ni ikimenyetso c'aba Torres Strait Islanderers bose.
- Amasonga y'inyenyeri yera ahagarariye imigwi yo mu kizinga mu ba Torres Strait, ibara ryera rihagarariye amahoro.



# Ibimenyetso vya Australia

## Ingabo za Reta Nkuru

Ingabo za Reta Nkuru ni ikimenyetso cemewe kizwi ca Reta Nkuru ya Australia. Giserukiye ubumwe bwacu bw'igihugu. Cerekana ububasha n'ubutunzi bwa Commonwealth ya Australia.

- Inkinzo iri hagati ihagarariye ibihugu bitandatu n'ibihugu vyishize hamwe.
- Kangaroo na emu bishigikira inkinzo ku mpande zose. Ivyo vyose ni ibikoko bikomoka muri Australia.
- Inyenyeri y'inzahabu ya Commonwealth iri hejuru y'iyo nkinzo.
- Mu gace k'inyuma habonekamwo wattle y'izahabu, n'ishurwe ry'igihugu rya Australia.




## Ishurwe ry'igihugu ca Australia

Ibara ry'igihugu ca Australia ni wattle y'izahabu. Igiti gito gikura ahanini muri south-eastern Australia. Gifise ibibabi vy'amabara asa n'icatsi kibisi asayangana n'amabara menshi asa n'izahabu n'umuhondo muri spring. Kimwe kimwe mu bihugu n'intara za Australia kirafise ikiranga ibara ryaco.



## Amabara y'igihugu ca Australia

Amabara y'igihugu ca Australia ni icatsi kibisi, izahabu- amabara ya wattle y'izahabu. Impuzu z'imirwi y'imikino ahanini ni izisa n'icatsi kibisi n'inzahabu.





## Ikirezi c'igihugu ca Australia

Opal ni ikirezi c'igihugu ca Australia Dufatiye ku mugani w'abasangwabutaka, umunywamazi wakoze kw'isi uca usigaho amabara ya opal.



# Indirimbo ihimbaza igihugu ca Australia

"Shira imbere nk'umuzinga" ni rwo ruririmbo ruhimbaza igihugu ca Australia. Ruririmbwa mu bihe bimwe bimwe ngirakamaro vy'igihugu harimwo n'igihe haba ibirori vyo gutanga ubwenegihugu bwa Australia hamwe no mu bihe vy'imikino bikomeye.

## Advance Australia Fair

*Australians all let us rejoice,*
*For we are one and free;*
*We've golden soil and wealth for toil;*
*Our home is girt by sea;*
*Our land abounds in nature's gifts*
*Of beauty rich and rare;*
*In history's page, let every stage*
*Advance Australia Fair.*
*In joyful strains then let us sing,*
*Advance Australia Fair.*

*Beneath our radiant Southern Cross*
*We'll toil with hearts and hands;*
*To make this Commonwealth of ours*
*Renowned of all the lands;*
*For those who've come across the seas*
*We've boundless plains to share;*
*With courage let us all combine*
*To Advance Australia Fair.*
*In joyful strains then let us sing,*
*Advance Australia Fair.*



# IGICE CA KABIRI

# Ivyizerwa vya demokarasi ya Australia, uburenganzira n'imyidegemvyo

# Ivyizerwa vya demokarasi ya Australia, uburenganzira n’imyidegemvyo

Mu gihe c’ibirori vyo kuronswa ubwenegihugu, urahira ko uzokwifatanya n’ivyizerwa vya demokarasi vya Australia kandi ko uzokwubaha uburenganzira bwayo n’imyidegemvyo yayo. Ni ngirakamaro cane yuko utahura ivyizerwa vya demokarasi vya Australia, n’uburenganzira hamwe n’imyidegemvyo isangiwe n’aba nya Australia.

Iki gice c’iki gitabu gitanga urutonde ry’ivyo vyizerwa, uburenganzira n’imyidegemvyo. Ku zindi nkuru zirengeye izi ronderera ku *Gice ca 4, uturangamutima twa Australia*.

## Ivyizerwa vyacu vya demokarasi

### Demokarasi ifatiye ku nama nshingamateka

Uburyo bwo gutegeka bwa Reta ya Australia bufatiye kuri demokarasi y’inama nshingamateka. Nk’ibigize ubwo buryo bw’ugutegeka, ububasha bwa Reta bukomoka ku benegihugu ba Australia kubera yuko abenegihugu ba Australia bitorera abantu bazobaserukira mu nama nshingamateka. Ababaserukira mu nama nshingamateka bategerezwa kwishura abenegihugu, biciye mu matora, ku ngingo zose bafata.

### Ukuganza kwisunze amategeko

Aba nya Australia bose barangana imbere y’amategeko. Ukuganza hisunzwe Amategeko bisigura yuko ata muntu n’umwe, umurwi canke idini uri hejuru y’amategeko. Uwo ari we wese, harimwo n’abantu bafise ibiti bikomeye mu gihugu ca Australia, bategerezwa kwubaha no kwumvira amtegeko ya Australia. Muri abo harimwo Reta, ikibano, igihugu n’abarongozi b’amadini, co kimwe n’abadandaza n’inyamiramabi.

### Kubaho mu mahoro

Abenegihugu ba Australia barishimira kuba mu gihugu c’amahoro gitwarwa na reta idakunda guhungabana. Abenegihugu ba Australia barizera yuko impinduka ishobora kubaho biciye mu guharira no guhanahana ivyiyumviro, kwemezanya biciye mu mahoro, kandi biciye mu buryo bwa demokarasi. Turiyamirije ugukoresha igikenye nk’uburyo bwo guhindura ivyiyumviro vy’umuntu canke itegeko.

### Kwubaha abantu bose tutabanje kuraba kahise kiwe

Gahunda ya demokarasi ya Austaraliya ishingiye k’umategeko ry'uko buri muntu, atitaye ku mateka yiwe, afise uburenganzira n'uburinganire mu mategeko ya Autarariya. Abenegihugu bose ba Australia bitegwako bafatana kumwe kandi bagahana ahgateka n’agaciro, bakubahana, hatabanje kwitabwaho urukoba, igihugu umuntu yakomotsemwo, igitsina, ingene yifata ku vy’ibitsina, ko yubatse canke atubatse,imyaka, ko agendana ubumuga canke atabugendana, iragi, umuco, politike, ubutunzi canke idini.



# Imyidegemvyo yacu

## Umwidegemvyo wo gushikiriza iciyumviro cawe kandi n'umwidegemvyo wo kuvuga ikiri ku mutima

Ubwisanzure bwo kuvuga ni indangagaciro nyamukuru ya Autaraliya kandi bushimangira gahunda ya demokarasi. Umwidegemvyo wo gushikiriza ivyiyumviro bisigura yuko abantu bashobora kuvuga no kwandika ivyo biyumvira, kandi bagaharira n'abandi ku vyiyumviro vyabo. Nk'akarorero, abantu barashobora gutora amahinyu Reta, bakigaragamvya mu mahoro barwanya ingingo Reta yafashe kandi bakiyamamaza kugira ngo bahindure itegeko, igihe cose ivyo bikorwa mu buryo batarenga amategeko ya Australia.

Umwidegemvyo wo gushikiriza ivyiyumviro bisigura yuko abantu bashobora gushikiriza ikiri ku mutima n'ivyiyumviro vyabo, hamwe n'ukugene babona ibintu, biciye mu tugenegene, amareresi, indirimbo n'ivyandikwa. Abantu baridegemvya mu guhurira hamwe haba ahabona canke mu mwiherero kugira ngo bahanahane ivyiyumviro vy'igihugu canke bahanahane ivyiyumviro vya politike.

Ibihe vyose, nubwo baba bafise umwidegemvyo w'ugushikiriza ivyo bashaka n'ivyo biyumvira, amategeko ya Australia ategerezwa kwubahwa no kwumvirwa. Dutegerezwa kandi kwubaha ivyiyumviro vy'abandi bantu n'umwidegemvyo w'ivyiyumviro vy'abandi bantu.

## Umwidegemvyo wo kuja hamwe

Umwidegemvyo wo kuja hamwe ni uburenganzira bwo kugiura no kuja hamwe mu mashirahamwe kugira ngo bakwirikirane intumbero zimwe n'amahangiro amwe.

Nk'akarorero, muri Australia abantu barafise umwidegemvyo wo kuja mw'ishirahamwe iryo ari ryo ryose ryemewe n'amategeko, nk'umugambwe, abaharanira urudandazwa, amadini, imico kama canke imigwi y'aantu yo mu kibano. Abantu kandi barashobora guhitamwo kutaja muri iyo mirwi kandi ntushobora guhatirwa kubikora.

Abenegihugu ba Australia barashobora kuja hamwe n'abandi kwanka igikorwa reta yakoze canke kwanka igikorwa ishirahamwe ryakoze. Mu bihe vyose, ariko, amategeko ya Australia ategerezwa gukurikizwa. TIbi bisigura yuko amakoraniro nk'ayo ategerezwa kurangwa n'umutekano kandi ko ata muntu n'umwe ategerezwa gukomereka canke ngo hagire ikintu cankirizwa.

## Umwidegemvyo w'idini

Australiya ifise umurage wa gikirisitu, kandi abanya Australiya benshi bavuga ko ari abakirisitu, ariko hariho abantu muri Australiya bava mumadini manini yose. Australia ifise ibiruhuko rusange muminsi ya gikristo nko kuwa gatanu mwiza, icyumweru ca pasika n'umunsi wa Noheri.

Reta n'amategeko bafata abenegihugu bose kumwe, hatarinze kwisungwa amadini yabo canke ivyizerwa vyabo. Reta ya Australia ntihagaze kw'idini, bivuze ko ikora itandukanye n'amatorero canke ayandi amadini. Abantu muri Australia baridegemvya mu gukurikira idini iryo ari ryo ryose bihitiyemwo. Barashobora kandi guhitamwo gukurikira idini bitoreye.

Igihe cose, mbere naho boba bariko barakora ibikorwa vy'idini, amategeko ya Australia ategerezwa kwubahwa. Iyo hari amakimbirane hagati y'amategeko ya Australiya n'imigenzo y'idini, amategeko ya Australiya araganza.

# Ukungana kwacu

Hariho amategeko atari make muri Australia araba ko abantu badafashwe mu buryo butandukanye n'ubwo abandi bafatwamwo kubera igitsina ciwe, urukoba rwiwe, imyaka canke agendana ubumuga.

## Ukungana kw'ibitsina

Abagabo n'abagore bafise uburenganzira bungana muri Australia. Birabujijwe n'amategeko gukumira umuntu kubera igitsina ciwe.

## Ukungana kw'uburyo ni " ukunganisha abantu bose"

Aba nya Australia baraha agaciro ukungana mu bihe vyose mu kibano cacu, mu gihugu cacu,; kenshi na kenshi bikitwa 'ukunganisha abantu bose'. Ibi bisigura yuko ico umuntu ashikako mu buzima categerezwa kuba ingaruka y'amatalanto yiwe, ubuhinga, n'ubukerebutsi bwiwe aho uguterwa n'ubutunzi bwiwe, canke inkomoko n'ivyo muri kahise. Ibi ni ukugira ngo ntihabeho ubusumbasumbane bw'abantu mu kibano mu gihugu ca Australia.

# Aruhara n'uturusho tw'abenegihugu ba Australia

Igihe ubaye umwegihugu wa Australia, uzoca uronka ibindi bikorwa n'uturusho tw'inyungu.

## Ibikorwa – ico uzoha Australia

Nk'umwenegihugu wa Australia utegerezwa:

- kwubaha amategeko ya Australia.
- gutora mu matora y'ibihugu vyishize hamwe no mu gihugu hamwe no mu ntara, eka no muri referendum.
- kurwanira Australia bibaye ngombwa
- gukora mu murwi nimba ubihamagariwe

## Uburusho – ico Australia izoguha

Nk'umwenegihugu wa Australia urashobora:

- gutora mu bihugu vyishize hamwe no mu gihugu canke mu matora y'intara, no muri referendum
- gusabira abana bavukiye hanze kuronka ubwenegihugu bwa Australia kubera abavyeyi bavukako
- gusaba akazi muri reta ya Australia canke mu Gisirikare ca Australia
- kwitoza kuba umushingamateka
- gusaba icete c'inzira ca Australia no kwongera kwinjira muri Australia ata co ubanje gutanga
- gusaba imfashanyo mu buserukizi bwa Australia igihe uri hanze y'igihugu.




# Ibikorwa n'uruhara

## Kwumvira amategeko ya Australia

Abaduserukira muri Reta bagira amategeko yo gucungera umutekano, umwidegemvyo n'igihugu kirimwo amahoro hamwe n'ukurinda uburenganzira bwacu. Abenegihugu bose ba Australia n'abandi bantu bo muri Australia bategerezwa kwubaha amategeko ya Australia.

Izindi nkuru zerekeranye n'amategeko makuru ya Australia ashobora kuboneka mu *Gice ca 3, Reta n'amategeko yo muri Australia*.

## Gutora mu matora y'ibihugu vyishize hamwe, mu gihugu canke mu matora yo mu ntara hamwe no mu matora ya referendum

Gutora ni igikorwa gikomeye, ni uburenganzira kandi ni agateka ku benegihugu bose ba Australia bamaze imyaka 18 n'iyirenga.

Ni igikorwa c'abanegihugu ba Australia bamaze imyaka 18 canke bayirenza gutora mu bihugu vyishize hamwe mu gihugu canke mumatora y'intara no mu matora ya referendum, ari amatora yo guhindura ibwirizwa nshingiro rya Australia. Mu gukora gurtyo, abenegihugu ba Australia barafise ico bavuga ku kugene Australia itegekwa, irongowe kandi bagatanga intererano kuri kazoza kayo.

Gutora ni ngombwa mu bihugu vyishize hamwe, mu gihugu no mu matora y'intara. Birashobora kutaba ngombwa gutora mu matora ya Reta yo mu micungararo mu bihugu bimwe bimwe.

Izindi nkuru zerekeranye n'ibwirizwa nshingiro rya Australia dushobora kuzironderera ku *gice ca 3, Reta n'amategeko muri Australia*.

## Kurwanira Australia bibaye ngombwa

Igihe uba uriko urarwanira igihugu ca Australia uvyishakiye, uruhara n'igikorwa k'umwenegihugu wese wa Australia kurwanira Australia bibaye ngombwa. Ni nkoramutima yuko abenegihugu bose ba Australia bumva ko bakwiye gushira inguvu hamwe kugira ngo barwanire igihugu n'uburyo kibayeho iyo bibaye ngombwa.

## Gukorera mu murwi iyo ubisabwe

Igikorwa co gukorera mu murwi, iyo ubisabwe, ni igikorwa ku benegihugu bose ba Australia bamaze imyaka 18 no kuyirenza. Umurwi ugizwe n'abantu basanzwe b'abenegihugu ca Australia abagabo n'abagore batega ugutwi ibimenyamenya mu rubanza rwo muri sentare kandi bagahitamwo nimba umuntu yagiriwe n'icaha canke ko atagiriwe n'icaha.

Abenegihugu ba Australia biyandikishijebarashobora guhamagarwa kugira ngo baje muri uwo murwi. Ibikorwa vy'umurwi birafasha kugira ngo ukugene sentare ikora ibe yugurutse kandi itarenganya.

## Uturusho

### Gusaba akazi mu kazi ka Reta yo muri Australia no kuja mu bajejwe Kwivuna Abansi bo muri Australia

Akarusho k'ukuba umwegihugu wa Australia ni ugusaba akazi muri Reta ya Australia kandi ugakorera reta ya Australia, nk'akarorero, muri Services Australia canke mu biro vyo kwegeranya amakori vya Australia (ATO).

Abenegihugu ba Australia na bo nyene barafise uburenganzira bwo gusaba akazi mu nteko zo gukingira bansi igihugu (Igisirikare, abarwanira m mazi n'abarwanira mu kirere).

### Kurondera kwitoza mu bashingamateka

Abenegihugu ba Australia bamaze imyaka 18 n'abayirenza, kandi bakaba badafise ubwenegihugu bubiri, barashobora kwitoza mu nama nshingamateka mu bihugu vyishize hamwe, mu gihugu canke ku rwego rw'intara. Ni agateka n'igikorwa gihambaye gukora mu nama nshingamateka ya Australia.

### Gusaba icete c'inzira ca Australia no gusaba kwinjira muri Australia ata co urishe

Igihe uronse ubwenegihugu bwa Australia, uca ufita uburenganzira bwo kuba muri Australia ata wugukomakoma. Uba kandi ufise uturusho two gusaba icete c'inzira ca Australia. Iyo ugiye mu mahanga nk'umwenegihugu wa Australia, urafise uburenganzira bwo kugaruka muri Australia utarinze kuriha visa.

### Saba imfashanyo mu buserukizi bw'igihugu ca Australian igihe cose uzoba uri hanze y'igihugu

Mu bihugu vyinshi, Australia irafise ubuserukizi, high commission canke consulate. Igihe uzoba uri hanze y'igihugu, urashobora gusaba imfashanyo ku mukozi wa Reta yo muri Australia mu bihe bikenewe. Muri ivyo bihe bikenewe harimwo igihe ibintu bigoranye nk'intambara hagati y'abavuka gihugu canke ibiza bitewe n'ibidukikije.

Abategetsi ba Australia barashobora kando gufasha abenegihugu ba Australia igihe bari hanze y'igihugu mu kubaha icete c'inzira vyihuta, kandi bakabahanura no kubashigikira mu gihe habaye impanuka, ingwara ikomeye canke urupfu.

Igihe umuntu aba ari mu kindi gihugu, ategerezwa kwubaha amategeko y'ico gihugu arimwo.

### Sabira ubwenegihugu bwa Australia abana bavyawe n'abaavyeyi bakomoka muri Australia

Abenegihugu ba Australia barashobora gusabira abana babo bavukiye hanze y'igihugu ko boronka ubwegihugu bivanye n'uko ari ho bavukiye.

# Kugira uruhara mu gihugu ca Australia no mu kibano

Australia irahimiriza abenegihugu bose kugira ico bakoze kigaragara mu gihugu cabo. Abenegihugu bakora bafise igikorwa n'uturusho two guha isura kazoza ka Australia. Nk'akarorero, urashobora kwifatanya n'ikibano n'amashirahamwe yo mu kibano, ukitanga gukora ibikorwa vy'ubukorera bushake no gukora ibikrwa rusangi ukifatanya n'imirwi ikora utugenegene hamwe n'imico kama nko mu ntambo n'ibindi kandi ukagira uruhara rufadika mu buzima bwa politike.

Gutanga ikori ni ubundi buryo bukomeye bw'ukugene woterera mu gihugu ca Australia kandi ivyo bisabwa n'amategeko. Kuriha ikori mu mahera ukorera, wyaba ayavuye mu kazi,canke mu vyashara canke mu yo washize mu kintu kikwinjiriza amahera, kandi yegeranywa n'umukozi wo mu biro vya ATO. Hariho kandi amakori kubicuruzwa na n'imfashanyo nyinshi. ATO ikora kugira ngo irabe neza yuko abenegihugu bose bazi neza uburenganzira bwabo bwerekeranye n'ukuriha ikori n'ibisabwa ku kuriha ikori rikwiye.

Vyinshi mu nyungu ba nya Australia banezerererwa bishoboka biciye mu kuriha amakori. Amakori akoreshwa mu bikorwa nko kwubaka ibitaro vya Reta n'amavuriro ya Reta kwigisah abantu,indero, kwivuna abansi, kwubaka amabarabara n'inzira z'indarari hamwe no gutegekaniriza abazokukuruka.

Mu gukora no mu kuriha amakori, uba uriko urashigikira Reta kugira ngo ikore ivyo bikorwa ibikorere abenegihugu ba Australia. Reta y'ibihugu n'intara hamwe n'inama mpanuzwajambo na bo nyene baregeranya amakori bakazoyakoresha mu gukorera abantu. Ivyo bikorwa bifasha kugira Australia igihugu c'amahoro giteye imbere c'uyu musi.



# IGICE CA GATATU

## Reta n' amategeko muri Australia

# Reta n' amategeko muri Australia

Mu birori vy'ugutanga ubwenegihugu urahira ko utazohemukira igihugu kandi ko uzokwubahiriza amategeko ya Australia. Uburyo bw'ugutekeka kwa Reta kwo muri Australia guca mu matora ya demokarasi y'anbashingamateka. Ni ngirakamaro kuri wewe ko utahura ubwo buryo bwa Reta bwo guteheka, ingene amategeko akorwa canke atorwa muri demokarasi ica mu nama nshingamateka n'ukugene ashirwa mu ngiro. Ni ngirakamaro kandi gutahura ingene wewe, nk'umwenegihugu uzogira ijambo mu kugene igihugu gitegekwa.

## None ico mvuga nogishikiriza gute?

### Mu gutora

Nk'uko vyaciwe irya n'ino mu gice ca 2, muri Australia, abenegihugu bamaze imyaka 18 canke bayirenza bategerezwa kwiyandikisha mu matora yo mu bihugu vyishize hamwe, mu gihugu no mu matora yo mu ntara hamwe no mu ma referenda ku bijanye n'uguhindura ibwirizwa nshingiro .

Muri demokarasi y'abashingamateka ya Australia, abenegihugu barafise ico bavuga ku kugene Australia irongorwa biciye mu gutora umuntu azoguserukira mu nama nshingamateka. Igihe utiyandikishije neza, ntuzoshobora gutora mu matora.

Gutora ni ngombwa mu matora yo muri Australia, canke iyo hari ama referenda ku guhindurwa kw'ibwirizwa nshingiro.

Umurwi ujejwe amatora wo muri Australia (AEC) ni igisata ca Commonwealth kijejwe gukoresha amatora y'intara n'ama referendums, kandi kikagumana igitigiri c'abantu bategerezwa gutora muri Commonwealth. Umurwi ujejwe amatora urigenga ntutegekwa na Reta. Imigambwe canke abantu bo muri Reta ntibashobora gutegeka ingingo umurwi ujejwe amatora utegerezwa gufata.

Muri Australia, gutora mu matora bigirwa mu mwiherero, rero uridegemvya kandi uri mu mutekano uhagije wo gutora uwo ushaka muri abo bose bitoje. Nta n'umwe yemerewe kumenya uwo watoye kiretse wihitiyemwo kubivuga. Iyo udatoye mu matora kandi akaba ata mpamvu ifadika iriho yatumye udatora, urashobora kurihishwa ihadabu. Gutora ni itegeko kandi ni yo nzira yuko abantu bafise ico bavuga ku bo bashaka yuko babategeka, babatwara canke babaserukira mu nama nshingamateka.

### Kubaza ibibazo ababaserukira

Abenegihugu ba Australia barashobora kuvugana n'abo batoye kugira ngo babashikirize amakenga ku kugene bariko baratwarwa. Muri iyo nzira, abenegihugu bose ba Australia barashobora kugira ico bavuga mu gushiraho amategeko na politike ya Reta. Iyo umwenegihugu abwiye uwumuserukira yuko itegeko rikwiriye guhinduka, uwo amuserukira ategerezwa kwiyumvira ku vyo bamushikirije.

# Twashizeho gute uburyo bwacu bwa Reta?

## Ibihugu vyishize hamwe

Inyuma y'uko Abongereza bimukiye ino kandi mbere y'umwaka wa 1901, Australia yari igizwe n'ibihugu bitandatu bitandukanye, ibihugu bitegekwa n'Ubwongereza vyigenga.

Igihugu cose cari gifise ibwirizwa nshingiro n'amategeko ajanye n'ukwivuna abansi, uruja n'uruza rw'abantu, gutumatumanako amakuru, urudandazwa n'ugutwara ivyashara n'abantu. Hyamara, ivyo vyatumye bigorana hagati y'ivyo bihugu vyatwarwa n'Abongereza. Nk'akarorero, urudandazwa n'ugutwara abantu n'ibintu hagati y'ivyo bihugu vyari bizimvye kandi ntivyihuta, kandi no gushira mu ngiro amategeko kuva mu gihugu no mu kindi vyari bigoye. Ivyo bihugu bitandukanye vyatwarwa n'Abongereza vyari bifise uburyo bujegajega bwo kwivuna umwansi.

Nk'ingaruka, abantu bipfuza gushira hamwe ivyo bihugu kugira ngo bigire igihugu kimwe gusa. Ikirenze aho, akaranga ka' igihugu ca Australia kari gatanguye kuboneka. Imirwi y'abakinyi yaserukira Australia mu makungu kandi umuco wa Australia wariko uricapa mu ndirimbo rurangiranwa mu vyese, no mu nkuru co kimwe no mu tugenegene.

Gushira hamwe ivyo bihugu cari igikorwa kitoroshe, ariko uko imyaka yagiye ikurakuranwa, iciyumviro co kugira Australia igihugu kimwe carabye ukuri. Italiki1 Nzero 1901, ivy bihugu vyagiye hamwe bigira ibihugu vyishize hamwe vyitwa Commonwealth ya Australia.


## Ibwirizwa nshingiro rya Australia

Itegeko ry'Ibwirizwa nshingiro rya *Commonwealth ya Australia ryo mu mwaka wa 1900* (ibwirizwa nshingiro rya Australia) ni igitabu c'amategeko gishraho anmategeko y'urufatiro kuri Reta ya Australia. Ibwirizwa nshingiro rya Australia ryatowe ubwa mbere nk'ikigize itegekory'Inama nshingamateka ya y'Ubwongereza ryo mu mwaka wa 1900. Italiki 1 Nzero 1901, Ibwirizwa nshingiro rya Australia ni ho ryaterwako igikumu kandi ibihugu vyahoze birongowe n'UBwongereza bihinduka igihugu cikukiye: Commonwealth ya Australia.

Ibwirizwa nshingiro rya Australia ryashizeho Inama nshingamateka ya Commonwealth ya Australia, igizwe n'ingoro y'abaserukira abandi hamwe n'inama nkenguzamateka. Ibwirizwa nshingiro vyongeye ryashizeho Sentare nkuru ya Australia, ifise ububasha bwose bwo gukoresha no gusoma amategeko ya Australia.

Aba nya Australia barashobora guhindura Ibwirizwa nshingiro rya Australia biciye mu matora ya referendum, nk'iryabaye mu mwaka wa 1967 Referendum aho abarenga 90 % b'aba nya Australia batora ego kugira ngo abasangwabutaka baharurwe muri rusansuma.

Muri referendum, hategerezwa kuba ibice bibiri vya benshi kugira Ibwirizwa nshingiro rya Australia rihindurwe. Ivyo ni ukuvuga yose benshi mu batora mu bihugu vyinshi bitandukanye n'abenshi mu batora muri ivyo bihugu vyose igihugu gitegerezwa gutora ko bihinduka.




Ibwirizwa nshingiro rya Australia

# Ububasha bwa Reta bucungererwa gute?

Ibwirizwa nshingiro rya Australia ritandukanya ububasha bwa Reta mu gutora amategeko (inama nshingamateka), aashira mu ngiro (nk'akarorero Umushikirangaji Mukuru hamwe n'inama y'abashikiranganji) n'ubucamanza (abacamanza), kugira ngo babuze umuntu umwe kwigungirako ubwo bubasha bwose.

## Ububasha bwo gutora amategeko

Ububasha bwo gutora amategeko ni ububasha bwo gukora amategeko. Inama nshingamateka irafse ububasha bwo gukora no guhindura amategeko muri Australia. Inama nshingamateka igizwe n'abaserukira abandi batowe n'abantu muri Australia.

## Ububasha bwo gushira mu ngiro

Ububasha bwo gushira mu ngiro ni ububasha bwo gushira mu bikorwa amategeko. Nyobozi irimo Umushikiranganji Mukuru, abashikirangaji ba reta ya Australia na Guverineri Mukuru.

## Ububasha bw'ubucamanza

Abacamanza barafse ububasha bwo gusigura no gusoma no gukoresha amategeko. Amasentare n'abacamanza barigenga ku nama nshingamateka no kuri Reta.

Ubwo bubasha buranditswe mw'Ibwirizwa nshingiro rya Australia.

# Ni nde ari umukuru w'igihugu ca Australia?

Umukuru w'igihugu ca Australia ni Umwami wa Australia, Nyenicubahiro Umwami Charles III.


Umwami wa Australia agena Guverineri Mukuru nk'uwumuserukira muri Australia, abihanuje umushikiranganji wa mbere wa Australia. Guverineri Mukuru arigenga ku migambwe yose. Umwami ntafse igikorwa ca misi yose muri Reta.

Mu gihugu cose harihi buramatari aserukiye Umwami mu gikorwa gisa n'ica Guverineri Mukuru.

## Ibwirizwa nshingiro ryemera

Australia gifise ibwirizwa nshingiro ryemera Umwami, bisigura yuko Umwami ariwe mukuru w'igihugu ca Australia, ariko akorera ku mategeko ahabwa n'ibwirizwa shingiro. Kubera Umwami ataba muri Australia, ububasha bwiwe yabuhaye Guverineri Mukuru muri Australia.

Uburyo bwa demokarasi y'inama nshingamateka bwa Australia bwerekana imigenzo yo mu Bwongereza no muri America ya ruguru bigiye hamwe mu buryo vyisa muri Australia. Mu buryo bwa Australia, umurongozi wa Reta ya Australia ni Umushikira nganji wa MBere.



Nyenicubahiro Umwami Charles III

## Igikorwa ca Guverineri Mukuru

Guverineri Mukuru ntari mu bagize Reta kandi aguma ataho yegamiye.

Mu bikorwa vya Governor-General harimwo:

- gutera igikumu ku ma Bills yose yatowe n'inama nshingamateka ya Australia agahinduka amategeko (Ibi vyitwa icemezo c'I bwami)
- gukora ibikorwa vy'ibirori
- kwemeza gushingwa kwa Reta ya Australia n'abashikiranganji b'iyo Reta, abacamanza bo mu bihugu vyagiye hamwe hamwe n'abandi bategetsi
- gutanguza ingendo y'ukugira amatora yo mu bihugu vyishize hamwe
- akora nka Kizigenza w'Ingabo zirwanya umwansi za Australia.

Governor-General vyongeye arafse ububasha budasanzwe buzwi 'nk'ububasha yisangije' ashobora gukoresha mu bihe bidasanzwe gusa.

# Ni ba nde ari abarongozi ba Australia?

### Umukuru w'Igihugu
Umwami wa Australia

### Guverineri Mukuru
Uwuserukira umukuru w'Igihugu muri Australia

### Governor
Uwuserukira umukuru w'igihugu mu gihugu kimwe kimwe ca Australia

### Umushikiranganji wa Mbere
Umurongozi wa Reta ya Australia

### Umumeya
Umurongozi wa Reta y'igihugu

### Umushikiranganji mukuru
Umurongozi wa Reta y'intara

### Umushikiranganji wa Reta
Umushingamateka yatowe n'umurongozi wa Reta kugira ngo abe uwujejwe akarere ka Reta

### Umushingamateka (MP)
Umuserukizi yatowe n'abantu munama nshingamateka ya Australia canke inama nshingamateka y'intara

### Umukenguzamateka
Umuserukizi yatowe w'igihugu canke intara mu nama nshingamateka ya Australia

### Umukuru w'igisagara canke shire perezida
Umurongozi war eta yo mu micungararo

### Umujenama
Umunywanyi yatowe mu nama mpanuzwa jambo yo mu micungararo

# Australia itegekwa gute?

## Reta ya Australia

Reta ya Australia vyongeye yitwa Reta yishize hamwe canke Reta ya Commonwealth.
Reta igizwe n'abashinagmateka bo muri Australia, na yo ikaba igizwe n'inzu zibiri:

- Inzu y'abaserukizi
- Inama nkenguzamateka.

Mu matora y'ibihugu vyishize hamwe, Abenegihugu ba Australia batora abaserukizi batowe mu nzu yose nshingamateka.

## Inzu y'abaserukizi

Inzu y'abaserukizi ni imwe mu mazu y'inama nshingamateka ya Australia Ayandi mazina y'inzu y'abaserukizi ni inama nshingamateka canke inzun y'abantu.

Australia igabuwe mwo abatora bo mu bihugu vyishize hamwe Umushinga mateka aserukira abantu b'aho yatowe.

Igitigiri c'anbashinga mmateka mu gihugu cose n'intara gifatiye ku gitigiri c'abantu baba muri ico gihugu canke muri iyo ntara. Hejuru ya vyose, hariho abantu 150 batowe baserukira abanda.

Abashingamateka n'abakenguzamateka bahanahana ivyiyumviro ku mategeko mashasha mu nama nshingamateka ya Australia. Igikorwa c'inzu y'abaserukizi ni ukuraba neza, uguhanahana ivyiyumviro, no gutora ivyashikirijwe vy'amategeko mashasha canke impinduka z'amategeko kandi bagahanahana ivyiyumviro ku bibazo ngirakamaro vy'igihugu.



Inzu y'abaserukizi

## Inama nkenguzamateka

Inama nkenguzamateka ni iyindi nzu yo mu nama nshingamateka ya Australia. Inama nkanguzamateka rimwe na rimwe yitwa inzu yo hejuru, inzu y'isubiramwo canke inzu y'amaReta. Abatora bo mu gihugu ico ari co cose na bo nyene baratora abakenguzamateka kugira ngo babaserukire mu nama nkenguzamateka. Ibihugu vyose biranganya mu buryo biserukiwe mu nama nkenguzamateka hatarinze kurabwa ubunini canke abantu. Hariho abakenguza mateka 76. Igihugu cose gitora abakenguzamateka 12 kandi umurwa mukuru w'intara ya Australia n'intara ya ruguru batora umwe umwe abakenguzamateka babiri.



Inama nkenguzamateka

Abakenguzamateka na bo nyene barasuzuma, bagaharira kw'itegeko, maze bagatora amategeko mashasha canke impinduka zabaye ku mategeko, kandi bagaharira ku bibazo biftiye akamaro igihugu.

## Reta y'igihugu n'iy'Intara

Hariho ibihugu bitandatu n'intara nkuru nkuru zibiri muri Australia. Reta y'Igihugu cose iriftiye inama nshingamateka yaco n'ibwirizwa nshingiro ryaco. Amarereta y'igihugu n'ay'intara afse icicaro mu mirwa mikuru. Umurongozi wa Reta y'igihugu ni we wa mbere kandi umurongozi wa Reta y'intara ni we Mushikiranganji mukuru.

Reta za z'intara zikora muburyo busa na reta ya Australia. Muri buri ntara, Guverineri ahagarariye Umwami wa Australia. Muri Northern Territory, umuyobozi agenwa na Guverineri Mukuru. Igikorwa n'umuyobozi ni bimwe n'ivya Buramatari w'igihugu.

Ibihugu birafse uburenganzira butegekanywa n'ibwirizwa nshingiro igihe intara zitagira ubwo burenganzira.
Ibihugu birafse ububasha bwo guhitisha amategeko mu bubasha bwabo bafse nubwo amategeko y'intara yo kwiganza ashobora guhinduka cank gukurwaho akuweho na Reta ya Australia umwanya uwo ari wo wose.

Mu matora y'igihugu n'ay'intara, abenegihugu ba Australia baratora kugira ngo baronke uwubaserukira mu karere kabo. Abo baserukizi baca baba abashingamateka b'ico gihugu n'iyo ntara.

## Reta yo mu micungararo

Ibihugu na Northern Territory bigabuwemwo uturere tw'amareta dushobora kwitwa ibisagara, shires, imirwa canke municipalities. Akarere kose kariftiye inama mpanuzwajambo kayo. Councils ni zo zijejwe gutegura no gutanga ibikorwa ku bibano vyazo. Abenegihugu b'akarera barimwo kagize Reta yo mu micungararo baragira amatora yo gutora abajenama babo.

# None izo nzego zitatu za Reta zikora iki?

Itandukaniro nyamukuru hagati y'izo nzego zitatu za Reta ni uko, nubwo ibikorwa bimwe bishobora kwinjiranamwo, mu bisanzwe urwego rwose rwa Reta rutanga ibikorwa bitandukanye.

### Reta ya Australia ijejwe:

- kurubuza
- gutunganya neza ibijanye n'ikigega c'igihugu
- uruja n'uruza rw'abantu hamwe n'ubwenegihugu
- gufasha ivy'akazi
- gutumatumanako amakuru biciye mu gasandugu k'amakete hamwe 'itumatumanako amakuru
- gutegekaniriza kazoza k'abantu (pansiyo n'ugushigikira imiryango)
- kwivuna abansi
- urudandazwa no guhanahana ibidandazwa
- ibibuga vy'indege no gutwara abantu mu ndege ata nkomanzi
- Imigenderanire n'ibindi bihugu (ubucuti n'imigenderanire n'ibindi bihugu)

### Amareta y'igihugu n'intara ni yo hanini ajejwe:

- ibitaro n'ibikorwa vyo ku mavuriro
- amashuri
- amabarabara n'inzira z'indarari
- amashamba
- inyamiramabi n'ibikorwa vya rusehabaniha
- gutwara abantu n'ibintu.

### Reta zo mu micungararo (na Reta y'umurwa mukuru w'intara ya Australia) ni bo bajejwe:

- ibiranganzira vyo kw'ibarabara, gucungera uruja n'uruza rw'imodoka
- amabarabara y'imigenderaniro, inzira zicamwo abagendera ku maguru n'ibiraro
- imiringoti y'amazi acafuye
- parks, ibibuga, aho bogera, ibibuga vyo gukinirako
- ibibuga vyo kwiherako naho guhagarika caravan
- gucungera Indya no kuraba ko inyama zimeze neza
- gucungera urwamo no gucungera iikoko
- kwegeranya umucafu
- amatororokanirizo y'ibitabu yo mu micungararo, ivyumba binini binini n'ibigo vy'ikibano
- kurera abana kanaka n'ibibazo vy'ukrera abasaza
- impusha zo kwubaka amazu
- gutunganya ivy'imibano
- ibibazo bijanye n'ibidukikije vyo mu micungararo.

# None imigambwe ifise uruhara uruhe mu buryo Australia itegekwa?

Umugambwe ni umurwi w'abantu basangiye ivyiyumviro vy'ukugene igihugu gikwiye kuganzwa. Bakorera hamwe kugira ngo ivyiyumviro vy'imigambwe yabo bihindurwemwo amategeko. Imigambwe mikuru muri Australia ni Liberal Party of Australia, Australia Labor Party, the Nationals hamwe no Australian Greens.

Benshi mu bashingamateka bakukira imigambwe. Bamwe ntibari mu mugambwe n'umwekandi bitwa "abigenga".

Muri Australia, abantu baridegemvya mu kuba abanywany b'umugambwe uwo ari wo wose bihitiyemwo.

# Reta ya Australia ikorwa gute?

Inyuma y'amatora yo mu bihugu vyagiye hamwe, Reta ya Australia mu bisanzwe igizwe n'umugambwe canke imigambwe yagiye hamwe ifise abanywanyi benshi mu nzu z'abaserukizi. Umurongozi w'uwo mugambwe aca aba umurongozi wa Reta ya Australia: Umushikiranganji wa Mbere.

Inyuma y'amatora y'ibihugu vyagiye hamwe, umugambwe canke imigambwe yishize hamwe ifise abanywanyi benshi bagira kabiri mu nzu y'Abaserukizi uca witwa uwutavuga rumwe na Reta Umurongozi wayo yitwa umurongozi w'abatavuga rumwe na Reta.

Umushikiranganji wa mbere asaba ko abashingamateka canke abakenguzamateka ari bo baba abashikiranganji muri Reta ya Australia. Governor-General yemeza igenwa ry'umushikranganji wa mbere n'abandi bashikiranganji.

Abashikiranganji bagize Reta bajejwe igice ca Reta citwa (portfolio), nk'ubushikiranganji bw'akazi, ibibazo vy'imvukira canke ikigega ca Reta. Abashikiranganji bajejwe ibintu vyinshi mu bushikiranganj bwabo ni bo bagize inama nshikiranganji kandi abo ni bo bafata ingingo zihambaye za Reta.

# Amategeko akorwa gute?

The Australian Parliament has the power to make or change laws in Australia to benefit the nation.

Iyo umushingamateka wo muri Australia agomba gushiraho itegeko rishasha canke guhindura iryahoraho, iryo tegeko ryitwa "Bill".

Inzu y'abaserukizi n'abakenguzamateka bararisuzuma, bakarihanahanako ivyiyumviro bakariharirako hanyuma bagatora nimba baryemezanijeko barihuriyeko.

Iyo abenshi mu nama nshingamateka no mu nama nkenguzamateka barihuriyeko rica rija kwa Guverineri Mukuru.

Guverineri Mukuru aca atera igikumu kuri iryo bill kugira ngo ribe itegeko. Ivyo vyitwa 'Kwemezwa kw'I bwami'.

Inama nshingamateka y'igihugu n'iy'intara barakora amategeko yabo muri ubwo buryo nyene.




# Amategeko ashigwa mungiro gute?

## Amasentare

Amasentare muri Australia arigenga. Sentare izofata ingingo nimba umuntu yarenze amategeko canke nimba atarenze amategeko kandi nimba yarenze amategeko baca bahitamwo igihano bamuhanisha. Amasentare afatira ingingo zayo ku vyemezo biri imbere yayo.

## Abacamanza n'abashikirizamanza

Umucamanza cyangwa umucamanza nububasha bwo hejuru kuri Sentare. Barigenga kandi nta muntu n'umwe abategeka ingingo bakwiye gufata

Abacamanza n'abashikiriza manza bashingwa na Reta, ariko Reta ntishobora kubaka akazi kabo iyo batumvikanye ku ngingo bafashe.

## Imirwi

Mu buryo ama sentare akora muri Australia, abantu baharurwa ko ari izirakarengane, ko ata co bagira kugeza igihe bazokubirtirwa intahe mu gahanga muri sentare. Umuntu wese arafise uburenganzira bwo guserukirwa n'umushingwamanza muri sentare.

Sentare izokoresha umurwi mu manza zimwe zimwe kugira ngo bafate ingingo nimba umuntu yarenze itegeko. Akazi k'umurwi ni uguhitamwo muri sentare nimba umuntu ari izirakarengane canke ko yagiriye icaha. Umurwi ugizwe n'abenegihugu ba Australia batowe mu bantu basanzwe. Umucamanza asigura itegeko arisigurira umurwi.

Mu gusambisha inkozi y'ikibi, iyo umurwi usanze umuntu yagira icaha, umurwi uca uhitamwo igihano uwo muntu ahabwa.

## Inyamiramabi

Inyamiramabi ijejwe amahoro n'urutonde mu kibano. Ni akazi kabo gukingira ubuzima n'ibitunzwe Barigenga kuri Reta. Iyo inyamiramabi ziyumviriye ko hari umuntu yarenze amategeko barashobora umuhagarika maze bakamushikiriza sentare. Inyamiramabi zirashobora gutanga ivyemezo muri sentare, ariko sentare ni yo ihitamwo ko unmuntu yagiriwe n'icaha canke ko ata caha kimwagira.

Amareta n'intara ya ruguru birafise inyamiramabi zabo. Bahana ivyaha bisunze amategeko y'igihugu n'ay'intara.

Australia vyongeye irafise inyamiramabi z'igihugu zitwa inyamiramabi z'ibihugu vyishize hamwe (AFP). Izo nyamiramabi ziratohoza ivyaha vyakozwe hisunzwe amategeko y'ibihugu vyishize hamwe, nk'akarorero kwinjiza ibiyayura mutwe, ivyaha vyakozwe mu guhungabanya umutekano n'ivyaha vyakozwe mu guhungabanya ibidukikije. Inyamiramabi vyongeye ni zo zicungera igikorwa c'inyamiramabi muri rusangi ku murwa mukuru w'intara ya Australia.

Inyamiramabi n'ikibano barafitaniye imigenderanire myiza muri Australia Urashobora gushikiriza ivyaha kandi ukarondera imfashanyo ikomoka ku nyamiramabi zo mu micungararo.

Muri Australia, ni icaha gikomeye guha igiturire inyamiramabi. Ni icaha mbere no guha igiturire umukuru w'inyamiramabi.

## Ivyaha muri Australia

Ni ngirakamaro kuri wewe ko umenya amategeko yo muri Australia Iyo urenze kw'itegeko rya Australia utari uzi, na ho nyene uracirwa urubanza, kuko kutamenya amategeko ntiruba urwitwazo.

Bimwe mu vyaha bikomeye harimwo ubwicanyi, gufata ku nguvu, ugukoresha igikenye ku bantu canke ku bintu, kwinba ukoresheje inkoho, canke kwiba bisanzwe, kugira imibonano mpuzabitsina n'abana canke abakiri bato batarashikana imyaka yemejwe n'amategeko yo kwiyemerera ibintu, kunyonga umuduga mu buryo buteye amakenga, kuba utunze ibiyayura mutwe binyuranye n'amategeko, hamwe n'ivyinjira bidaciye mu mategeko.

Umuntu wese afise uburenganzira bwo kubana umubano mwiza kandi utekanye nimiryango yiwe, inshuti nabakunzi. Nk'uko biri no mu bindi bihugu, gukoresha igikenye ku wundi muntu birabujijwe n'amategeko muri Australia kandi ni icaha gikomeye. Muri ivyo harimwo ugukoresha igikenye mu mihira kandi no hagati y'abubakanye bizwi nko gukoresha igikenye mu I muhira canke mu muryango. Ugukoresha igikenye muhira canke mu muryango harimwo inyifato canke ugutera ubwoba kugamije gucungera uwo mwubakanye mu gutera ubwoba canke kubangamira umutekano wiwe. Ugukoresha igikenye muhira canke mu muryango birahanwa n'amategeko. Ihohoterwa rikorerwa mu ngo no mu miryango rishobora kubamo gukubita, gutandukanya abo mu muryango inshuti n'umuryango, canke gutera ubwoba abana canke amatungo. Ihohoterwa rikorerwa mu ngo no mu miryango ntiremewe kandi rinyuranyije n'amategeko.

Umuntu akora ivyo vyaha ashobora kuja gupfungwa, yaba umugabo canke umugore. Ntanumwe akwiye kwemera gufatwa nabi canke kugirirwa nabi.

Nimba wewe canke umuntu uzi yoba ari mukaga ugomba guhamagara polisi. Izindi nkuru ushobora kuzironka kuri www.respect.gov.au canke www.1800respect.org.au

## Ivyaha bijanye n'ukunyonga nabi

Amategeko y'amabarabara n'ukunyongo imiduga acungererwa na ma reta y'ibihugu n'ay'intara. Abantu barashobora kurihishwa ihadabu canke bakajanwa gupfungwa kubera barenze amategeko y'ibarabara. Kugendesha umuduga muri Australia, utegerezwa kuba ufise uruhusha rwo kugendesha umuduga rwo mu micungararo kandi imodoka itegerezwa kuba yarandikishijwe.

Umuntu wese agendera mu muduga akwiriye kuba yambaye umukanda wo kumukingira. Inzoya n'abana bato bategerezwa kuba bari mu ntebe zabo zabagenewe. Amategeko y'ibarabara arakomeye cane. Ni ukurenga amategeko iyo unyonze uhejeje gufata ibiyayura mutwe canke iyo wanyoye ukarenza igipimo. Vyongeye ni uguca kubir n'amategeko gukoresha telephone ngendanwa igihe uriko uranyonga.



# IGICE CA KANE

# Uburangamutima bwa Australia



# Uburangamutima bwa Australia

Indangagaciro za Australiya zishingiye ku bwisanzure, kubahana, kurenganura no kuringaniza amahirwe ni ingenzi mu baturage bacu bakomeza kuba ahantu hizewe, haratera imbere n'amahoro.

Uburangamutima bwacu ni bwo butanga indangurakintu kandi n'igituma abantu benshi bipfuza kuba abenegihugu ba Australia.

Ubwenegihugu bwa Australia bwerekeranye n'ukubaho ukwirikiza ubwo burangamutima mu buzima bwawe bwa misi yose kandi no mu kibano cawe ubamwo. Rero ni ngirakamaro cane ko utahura uburangamutima abantu bose bo muri Australia bitezweko kwubaha, gusangira no kwubahiriza.

## Ibituranga

### Kwiyemeza kwisunga amategeko

Aaba nya Australia bose bakingiwe n'amategeko n'inzego z'amategeko. Aba nya Australia barazi agacirok'amategeko mu kugumana igihugu c'amahoro n'urutonde miu mibano.

Mu kuganzwa n'amategeko, abanya Australia bose barangana dufatiye ku mategeko kandi nta muntu n'umwe canke umurwi uri hejuru y'amategeko. Muri Australia, uwo ari we wese ategerezwa kwubaha no kwubahiriza amategeko kandi ntayarenge igihe ico ari co cose, atari uko urashobora guhanishwa ibihano. Utegerezwa gukurikiza amategeko naho ata muntu yoba akubona.

Amategeko ya Australia akora ku bantu bose muri Australia. Ibi bisigura yuko hatabanje kwitabwaho iyo waje uva canke umuco n'imigenzo vyawe, utegerezwa gukurikiza amategeko ya Australia.

### Demokarasi iciye mu nama nshingamateka

Uburyo Reta ya Australia imeze bica muri demokarasi y'inam nshingamateka. Amategeko yacu ashingwa n'amanama nshingamateka yatowe n'abantu. Ibi bisigura yukoabenegihugu ba Australia bafise uruhara ku kugene igihugu gitegekwa. Ububasha bwa Reta bukomoka ku bantu bo muri Australia kubera abenegihugu ba Australia batora abantu bazobaserukira mu nama nshingamateka.

Gutora muri Australia ni ngombwa. Ibi vyerekana akamaro ko kuja mu matora.

## Umwidegemvyo wo gushikiriza ikiri ku mutima

Abantu muri Australia bategerezwa kuba boshikiriza ivyiyumviro vyabo ata musunikano, igihe boba batarenze amategeko. Muri Australia, abantu baridegemvya mu guhurira hamwe haba ahabona canke mu mwiherero kugira ngo bahanahane ivyiyumviro bitandukanue canke ivyiyumviro vya politike. Vyongeye abantu barafise umwidegemvyo wo kuvuga ivyo biyumvira no kuvyandika ku kintun ico ari co cose hamwe no guhanahana ivyiyumviro n'abandi. Ibinyamakuru, television n'amatangazo y'iradio na vyo nyene birafise uwo mwidegemvyo.

Aba nya Australia baremerewe kwigaragamvya mumahoro no kwanka ibikorwa n'ingingo vya Reta, kubera ukwihanganira imyiyerekano iba mu mahoro ari ikintu gikomeye muri demokarasi.

Ntivyigera vyemerwa gukoresha ingimba ku muntu uwo ari we wese canke ku murwi uwo ari wo wose (kubera umuco, imigenzo, ubwoko, canke ico yamaze muri kahise) kuko binyuranye n'uburangamutima bwa Australia hamwe n'amategeko ya Australia. Vyongeye ni uguca kubiri n'amtegeko kwagiriza abantu ibinyoma canke guhamagarira abandi bantu guca kubiri n'amategeko. Imyidegemvyo y'abantu yo gushikiriza ivyo biyumvira no kuvuga ikiri ku mutima bitegerezwa kwubahwa, igihe cose ivyo bariko baravuga bidaciye kubiri n'amategeko.

Muri Australia, abantu barafise umwidegemvyo wo kuja mu murwi uwo ari wo wose canke wo kuwuvamwo avyishakiye ata musunikano igihe cose atazoba arenze amategeko. Abantu barafise umwidegemvyo wo kwifatanya n'ishirahamwe iryo ari ryo ryose ryemewe n'amategeko nk'umugambwe, abadandaza baharanira inyungu zimwe, idini, imigwi y'imibano canke iharanira imico kama.Umuntu ku giti ciwe ntashobora guhatirwa kwinjira mw'ishirahamwe canke guhatirwa kubireka.

Aba nya Australia barashobora gukoranira hamwe mu mwidegemvyo harimwo no guhakana ingingo canke igikorwa cafashwe na Reta canke ishirahamwe. Yamara, umyigaragamvyo yose itegerezwa kuba iri mu mategeko. Ibi bisigura yuko iyo myigaragamvyo itegerezwa kuba mu mahoro n'umutekano kandi ko idategerezwa gukomeretsa umntu n'umwe canke kumena amzu.

## Umwidegemvyo w'idini

Australia ntigira idini ryemewe ryigihugu kandi abantu bo muri Australia barafise umwidegemvyo wo gukurikira idini ryose bahisemwo. Reta ifata abantu bose kumwe itarinze kwitaho amadini yabo canke ivyizerwa vyabo. Yamara imikorere y'amadini itegerezwa kutarenga amategeko ya Australia.

Amategeko y'idini ntafise ububasha bw'anmategeko y'igihugu muri Australia. Amategeko ya Australia ategerezwa gukurikizwa n'uwo ari we wese muri Australia, harimwo n'aho atandukanye n'amategeko y'idini ryabo. Imikorere imwe imwe y'amadini n'imigenzo nk'ukurongora abagore benshi (kuba umugabo canke umugore w'abantu benshi mu gihe kimwe) hamwe no gutegekwa kwubakana n'uwo udashaka, biranyuranye n'amategeko muri Australia kandi bishobora kuvyara igihano kinini, harimwo no gupfungwa.

Kutihanganirana mu vy'idini ntivyemewe mu gihugu ca Australia. Abantu bose bategerezwa guhabwa uburyo bumwe bwo gukurikirana intumbero n'indoto zabo hamwe n'inyungu zabo hatisunzwe ubwoko bwabo canke amadini hanini basabwa kwubahiriza amategeko ya Australia.



## Ukungana kw'abantu bose munsi y'amategeko

Ikibano ca Australia kiraha agaciro uburenganzira bungana kw'abantu bose hatarinze kwitabwaho igitsina cabo, ibigize uko biyita mu vyerekeranye n'igitsina, imyaka, kugendana ubumuga, idini, urukoba, canke igihugu n'ubwoko umuntu yakomotsemwo. Hariho amategeko atari make muri Australia akingira umuntu kugira ngo ntafatwe mu buryo bunyuranye n'ubwo abandi bafatwamwo.

Itegeko rirakoreshwa muri Australia kugira ngo abantu baciye mu bihe bitandukanye muri kahise kabo bafatwe kumwe ntihagire uwukundwa canke uwankwa kurusha uwundi nta n'ivangura. Nk'akarorero aba Buddhists n'abantu bo mu yandi madini yose bafatwa kumwe n'Abakristo. Mu mategeko yacu, abantu babiri barashobora kurongora, harimo gushyingirwa hagati abagabo babiri canke abagore babiri.

Abagabo n'abagore bafise uburenganzira bungana muri Australia kandi bagomba guhabwa amahirwe angana yo gukurikirana intego zabo n'inyungu zabo. Abagabo n'abagore bose bafise amahirwe angana yo kwiga no kubona akazi, barashobora gutora mu matora, guhagararira inteko ishinga amategeko, kwinjira mu ngabo z'igihugu ca Australia ndetse n'abapolisi, kandi bafatwa kimwe mu nkiko.

Gukumira umuntu kubera igitsina ciwe ni uguca kubiri n'amategeko. Muri Australia, ni uburenganzira bw'umugore kuronka akazi imberey'uko umugabo akaronka, nimba asumvya umugabo ubwenge canke ububangutsi n'ubukerebutsi.

Bose abagabo n'abagore barafise uburenganzira bwo guhitamwo ivyo bigombeye ku bijanye n'ibibazo vyabo, nk'ivyerekeye ukwubakana, idini, kandi bakingiwe n'amategeko guhera ku guterwa ubwoba cane ugukoresha igikenye. Ihohoterwa rishingiye ku mubiri rikorerwa uwo mwashakanye canke uwo mwashakanye ntirishobora kwemerwa kandi ni icyaha cy'icyaha muri Autaralia.

Kwahukana biremewe muri Australia. Yaba umugabo canke umugore bose barashobora gusaba gutandukana muri sentare mbere naho uwo bubakanye yoba yipfuza ko babandanya babana.

## Ukungana kw'uburyo bubonetse hamwe n' 'ugufatwa neza'

Turizera yuko umuntu wese akwiriye 'gufatwa neza' canke abantu kandi ko adategerezwa guhorwa umurwi arimwo. Umuntu wese, atitaye ku mateka yiwe, ahabwa amahirwe angana yo kugera ku ntsinzi mu buzima, kandi ko buri wese afise uburenganzira bumwe bwemewe n'amategeko ni ikintu c'ingenzi mu butabera muri Australia.

Ico umuntu ashikako mu buzima gitegerezwa kuba ari icamwa c'ubucumukure bwiwe n'ingabirano yiwe. Ibi bisigura yuko umuntu ategerezwa kuronka akazi hisunzwe ivyo azi, umwete n'ubwira n'ubwenge vyiwe hatisunzwe igitsina, ubutunzi, canke ubwoko bwiwe.

Igihe ishirahamwe rikeneye umukozi, amategeko arashigikira yuko umuntu atorwa kubera ubuhinga n'ubwenge bwiwe hamwe n'ivyo yamenyereye gukora kugira ngo ahabwe ako kazi.

Abimukira benshi bashasha muri Australia barabaye abarongozi muri business, mu bikorwa vyabo bakora, mu tugenegene, mu bikorwa vya Reta no mu mikino kubera ugukora cane kwabo n'ibabire, uruganda.



## Kwubahana no kwihanganirana abandi abantu.

Muri Australia, abantu bategerezwa kwubaha imyidegemvyo n'agateka k'abandi, hamwe n'ivyiyumviro vyabo n'ivyo bahitamwo.

Birabujijwe n'amategeko kuba umunyarugomo ku wundi muntu. Ihohoterwa iryo ari ryo ryose, harimo no gutukwa mu magambo no ku mubiri, ntivyeremewe. Abanyaustralia bizera ukutumvikana kw'amahoro kandi kuruta uburenganzira bwose bwo kugira umutekano no kutagira urugomo no guhohotegwa.

Muri Australia, hariho amategeko akaze ku bijanye n'imyaka abantu bemerewe kugira iimibonano mpuzabitsina, iyo na yo ni 16 canke 17 bivanye n'igihug canke intara ubamwo.

Nk'akarorero, muri Australia, umugabo w'imyaka 20 ntashobora kugira imibonano mpuzabitsina n'umukobwa w'imyaka 15, kubera yuko ivyo biciye hampande y'amategeko mu bihugu vyose vya Australia no mu ntara zose za Australia.

Muri Australia, igikorwa cemewe n'amategeko c'inyamiramabi gitegerezwa gushigikirwa. Utegerezwa kwubaha igisabwa n'amategeko gisabwe n'inyamiramabi, kubera abantu bose bo muri Australia biyemeje gukurikiza amategeko.

Australia iraha agaciro amahame y'ukwubahana no kwihanganirana Ibi bisigura gutega amatwi abanda no kwubaha ivyiyumviro vyabo n'uko babona ibintu, mbere naho ivyabo vyoba bitandukanye n'ivyawe. Abantu bagomba kwihanganirana aho basanze batavuga rumwe.

Ivanguramoko nta mwanya rifise muri Autaralia. Ibi birimo gukora canke gusangira ibintu bibabaza amoko kurubuga rwa interineti canke ibindi bitabo no gutanga ibitekerezo bitesha agaciro amoko ahantu rusange canke mu birori by'imikino.

# Ikibano cacu

## Gutanga umusanzu

Ubwenegihugu buguha amahirwe yo kugira uruhara rugaragara mubuzima bwigihugu cacu n'abantu bose. Bisobanura ko witeguye gusohoza inshingano zawe nkumunyagihugu wa Australia. Abanyaustralia biteze ko abantu bose baba muri Australia bazogira uruhara muri societe yacu kandi bagatanga ivyiyumviro mugace kacu. Umuntu wese afise inshingano zo kugerageza no kwibeshaho nimiryango yiwe mugihe abishoboye.

## Imbabazi ku bari mu ngorane

Abanya Australia baraha agaciro 'abo babonanye amakuba'. Turafashana mu bihe vy'ingorane bibaye ngombwa.Nk'akarorero, ibi birashobora gusigura gushira ivyo kurya umuntu ageze mu za bukuru w'umubanyi, gufasha umugenzi ukamujana kw'isango bahanye na muganga, canke kuja kuraba umuntu yigunze atagira uwo bavugana.

Muri iyo mpwemu y'ukutibagira abo mwasangiye amakuba, Australia irafise umugenzo ukomeye wo gukorera ikibano hamwe n'ikorera bushake udahembwa - kwitanaho no gukomeza ikibano.Ikorerabushake ni akaryo gakomeye ko kwerekana ivyo uzi, ubwenge, kwiga umwuga mushasha, kandi no kurwiza ko umenyererwa muri ico kibano kandi ko ubaye umwe n'ico kibano co muri Australia. Hariho uburyo bwinshi kuri wewe aho ushobora kwitanga ukaba uwukorera bushake muri Australia.

## Icongereza nkururimi rwigihugu

Igihugu ca Australia kiraha agaciro ururimi rw'Ikingereza nk'ururimi rw'igihugu ca Australia, kandi nk'ikintu gikuru gishira hamwe ico gihugu. Abantu baba muri Australia bategerezwa kugira akigoro ko kwiga Ikingereza.

Ni ngirakamaro kwiga kuvuga Ikingereza kubera bifasha kwiga, kuronka akazi, kandi ukinjira neza mu kibano. Ni ngirakamaro ku kugira uruhara mu vy'ubutunzi no kugumiza hamwe ikibano.Abasaba ubwenegihugu bwa Austaralia bagomba kwiyemeza gushiraho ingamba zifatika zo kwiga ururimi rwicongereza, niba atari ururimi rwabo kavukire.

## Gufasha kurinda societe yacu igire umutekano

Muri Australia twese turafise igikorwa co gufasha gukingira ikibano ca Australia. Nk'akarorero, iyo abantu bagize amakenga ku bagenzi babo canke ababanyi babo ko bariko baralegura gukora icaha gikomeye, bategerezwa kubimenyesha abategetsi ba Reta ya Australia mu buryo bwihutirwa. Muri ubwo buryo, dushobora gufasha gukingira umutekano w'ikibano cacu.

Muri ubwo buryo nyene, iyo umuntu muri Australia abonye canke azi umwana ariko aragirirwa nabi, aturubikwa atukwa, ategerezwa kubishiriza inyamiramabi kugira ngo zigire amtohoza.

Ihohoterwa kumurongo ntiremewe muri Austaralia. Ibi rimwe na rimwe vyitwa gukoresha nabi umurongo wa ngurukanabumenyi. Akarorero harimwo gusangira amafoto canke video yimibonano mpuzabitsina kumurongo utabanje kubiherwa uruhusha, guhiga umuntu kumurongo, canke gutanga ibitekerezo bitukana kumoko kumurongo. Uburyo bwinshi bwo gukoresha interineti ntibwemerewe muri Austaralia.

## Kudahemuka muri Australia

Abenegihugu ba Australia barashobora kandi kugira ubwenegihugu bw'ikindi gihugu canke ibindi bihugu nimba amategeko y'ivyo bihugu avyemera. Ibi bizwi nka ubwenegihugu bw'ibihugu bibiri canke vyinshi.Yamara, naho umuntu yoba ari umwenegihugu w'ikindi gihugu, umwenegihugu wa Australia muri Australia ategerezwa gukwirikiza amategeko yose ya Australia ibihe vyose.Amategeko amwe ya Australia agomba kandi gubahirikizwa nabenegihugu ba Australiya niyo baba bari mumahanga. Akarorero, birabujijwe ko abanyaustralia bishira mubikorwa vyose vyimibonano mpuzabitsina, hano canke mumahanga, hamwe numwana uri munsi yimyaka 16.

Igihugu ca Australia cubakiye ku vyo dusabwa twese dusangiye tutiyibagije inyungu z'igihugu ca Australia n'umutekano waco. Nk' akarorero, gukoresha ubuhinga nkoranyambaga kugira ngo usanzaze amabanga ya Reta vyoba ari ugukengera inyungu z'igihugu ca Australia. Muri ubwo buryo nyene, gushira imbere ukutizerana n'ubwoba bw'ikibano mudasangiye ubwoko vyokwononera imigenderanire y'igihugu, n'ikibano ca Australia.

Muri Austaralia, duhurira hamwe mugihe c'ibibazo kandi tukitaho mubihe vy'iza n'ibibi. Mu gihe cy'umuriro ukabije wa Australia cyo muri 2019-20, c'avuyemwo gutakaza ubuzima, umutungo ndetse n'ibinyabuzima, ndetse no kwangiza ibidukikije, imiryango myinshi y'imico myinshi yarafashije mu gukusanya amafaranga, imyambaro n'impano y'ibiribwa kugira ngo ifashe abantu bahuye n'umuriro. Akarorero, abanyamuryango b'abashinwa, abanya Viyetinamu na Kamboje muri Victoria bakusanyije imfashanyo mu masoko y'ubucuruzi kandi bakusanya infashanyo binyuze mu bikorwa by'itsinda ry'abaturage, kandi abagize umuryango wa Sikh batanze amacupa y'amazi ibihumbi n'abaturage n'abashinzwe kuzimya umuriro muri Queensland.



# Mu gusozera

Inzego zacu zubakiye kuri demokarasi kandi zisangiye uburangamutima bwa Australia zashizeho igihugu gitekanye, c'amahoro kandi giteye imbere.

Turafise umuco udasanzwe kandi utunze dutegerezwa gusangira Nk'umwenegihugu wa Australia, uzoca uba umwe mu bagize inkuru y'igihugu cacu kandi uzoterera muri kazoza kacu. Australia iraguhaye ikaze. Ubwenegihugu nib wo budushira hamwe.

# Amahjambo agoye ari mu kigabane co kubazwako

### Abasangwabutaka n'aba Torres Strait Islander

Abasangwabutaka n'aba Torres Strait Islander ni bo bantu ba mbere babaye mu gihugu ca Australia
*Abasangwabutaka n'aba Torres Strait Islander ba Australia bagize hafi ibice bitatu vy'abantu bose baba muri Australia*

### Umurwi ujejwe agateka ka zina muntu muri Australia

komisiyo Yigenga ikora iperereza ku birego bijyanye n'ivangura n'ihohoterwa ry'uburenganzira bwa muntu
*Ibintu by'ivanguramoko birashobora kumenyeshwa Umurwi ujejwe agateka ka zina muntu muri Australia.*

### Ibikorwa vya Reta ya Australia

Ibisata vya Reta n'abantu bakoreshwa n'ivyo bisata
*Paul yaronse akazi muri Reta ya Australia nk'umukozi wo muri Services Australia.*

### uruhagarara mu gihugu

imyigaragamvyo n'ukwiyamiriza kugizwe n'abantu benshi ahanini biyamiriza ingingo ya Reta canke politike ya Reta
*Harabayeho uruhagarara mu gihugu igihe Reta yahitisha amategeko mabi.*

### ugukorera hamwe

ugushira hamwe kw'imigambwe ibiri canke irenga, kenshi kugira ngo bagire Reta canke abatavuga rumwe na Reta
*Inyuma y'amatora, nta mugambwe n'umwe waronse abantu benshi mu bashingamateka, ni co gituma imigambwe ibiri ihuje ivyiyumviro yagiye hamwe.*

### umurwi

umurwi w'abantu wahawe igikorwa kizwi co gukora
*Umurwi wigenga utegura amatora.*

### Ibwirizwa nshingiro

Ibwirizwa rikuru rya Australia Reta ibwirizwa kwisunga
*Ibwirizwa nshingiro rishiraho ububasha*

### umwami yashizweho n'ibwirizwa nshingiro

igihugu aho umwami canke umwamikazi ari we mukuru w'igihugu, kandi ububasha bwiwe abuhabwa n'ibwirizwa nshingiro
*Ibwirizwa nshingiro ryacu ryashizeho Commonwealth ya Australia nk'ibwirizwa nshingiro ryemera ubwami, umwami canke umwamikazi w'Ubwongereza akaba ari we Mukuru w'Igihugu.*

### sentare

ahantu imanza zumvirizwa n'umucamanza canke umushikirizamanza
*Igihe abantu barenze amategeko, barashobora kuja muri sentare.*

### urubanza muri sentare

ukwumviriza ivyabaye kwa sentare kugira ngo ifate ingingo nimba uwo muntu yera, canke ko atsinzwe n'urubanza
*Inyuma y'ugusambishwa, igisuma civye bank caciye kirungikwa gupfungwa.*

### gukoresha interineti

imyitwarire ikoresha ikoranabuhanga mu gutera ubwoba, itera ubwoba, gutoteza canke gusuzugura umuntu ugamije kubabaza
*Ubwoko bwinshi bw'ihohoterwa rikorerwa kuri interineti binyuranyije n'amategeko muri Australia kandi bigomba kumenyeshwa abapolisi na serivisi yo kuri interineti, nk'imbuga nkoranyambaga, ko byabayeho.*

### demokarasi

reta yatowe n'abenegihugu biciye mukwitorera ababaserukira
*Grace yaranezejwe no kuba muri demokarasi aho ashobora gutora abamuserukira mu nama nshinga mateka.*

ihohoterwa rikorerwa mu ngo no mu miryango
imyitwarire canke iterabwoba bigamije kugenzura umukunzi utera ubwoba canke guhungabanya umutekano wabo.
Ihohoterwa rikorerwa mu ngo no mu miryango ntiremewe kandi rinyuranyije n'amategeko
*Ihohoterwa rikorerwa mu ngo n'imiryango rinyuranyije n'amategeko muri Australia kandi rigomba kumenyeshwa abapolisi.*

kwinjiza ibiyayura mutwe
gutwara canke kugura ibiyayura mutwe kugira ngo ubidandaze biciye kubir n'amategeko
*Jess yarungitswe gupfungwa kubera yinjije ibiyayura mutwe.*

amatora
ingendo aho abenegihugu batora abantu babaserukira mu nama nshingamateka
*Abenegihug ba Australia bamaze imyaka 18 n'abayirenza bategerezwa gutora mu matora.*

kwiyandikisha mu matora
urutonde rrw'abaiyandikishije kuzotora mu matora canke muri referendum
*Igihe Jan yashika aho batorera, abahagarariye amatora bararondeye izina ryiwe mu biyandikishije kuzotora.*

abazotora
districts zigizwe n'abazotora batora abanyapolitike mu nzu y'ababaserukira
*Abatora bitwa electoral districts, divisions, canke intebe.*

gushimangira amategeko
kuraba neza ko bantu bose bakwirikiza amategeko
*Inyamiramabi ziraba ko abantu bise badaca hambavu y'amategeko bakazigama amahoro.*

ukungana
bafise amategeko amwe
*Abanya Australia bizera yuko abantu bose bangana.*

ububasha bwo gushira mu bikorwa
ububasha n'ubushobozi bwo gukoresha amategeko, bumwe mu bubasha butatu butangwa n'ibwirizwa nshingiro rya Australia
*Abashikiranganji ba Reta ya Australia na Guverineri Mukuru bafise ububasha bwo gushira mu ngiro amategeko yatowe n'inama nshingamateka ya Australia.*

ugufatwa kumwe
bose, hatarinze kwitabwaho kahise kabo n'ivyo bamaze, bahabwa uburyo bumwe kugira ngo bagire ico bashikako mu buzima
*Muri Australia, turizera "ugufatwa kumwe'.*

ibihugu vyishize hamwe
ukuja hamwe kw'Ibihugu vyategekwa N'Ubwongereza vyagiye hamwe bigira igihugu kimwe tariko ivyo bihugu vyaragumanye ububasha bumwe bumwe
*Muri 1901, Ibihugu vyategekwa n'Ubwongereza vyahgiye hamwe bigira federation yiswe Commonwealth ya Australia.*

Umurwi wa mbere w'ubwato
umurwi w'ubwato 11 bwavuye mu Bwongereza burongowe na Captain Arthur Phillip kugira ngo bashinge aho abagiriye ivvyaha mu Bwongereza bakwiye kuba, kugerera muri New South Wales
*Umurwi w'ubwato bwa mbere washitse I Sydney Cove italiki 26 Nzero 1788.*

ibimenyetso vy'amashurwe

amashurwe y'igihugu
*Ibimenyetso vy'amashurwe ya Australia ni izahabu ya wattle.*

kwubakana ku nguvu
ukwubakana aho umwe canke bose batitoreye uwo bubakana
*Ntiyigeze anezerwa kubera yategetswe uwo bubakana kandi igihe cose yashatse kwahukana.*

guhera iki gihe no mu kizoza
guhera ubu nyene no muri kazoza
*Mu birori vyo gutanga ubwenegihugu, usezerana kutazohemukira Australia guhera ubu no mu gihe kizoza.*

**ikintu rurangiranwa**
ishusho rizwi neza
*Opera House ni rurangiranwa muri Sydney.*

**Imvukira, kavukire**
Absangwabutaka n'aba Torres Strait Islander bo muri Australia
*Imvukira zo muri Australia ni bo bantu ba mbere bo muri iki gihugu.*

**ukwinjizwa**
ingendo yo kumenyera igirwa n'abimukira kugira ngo bashobore kugira uruhara no guterera mu gihugu gishasha giteye imbere
*Uko imyaka yagiye irakurikirana, abaimukira barungutse bivanye n'uko bamenyereje kuba muri Australia no mu kibano kibegereye.*

**ubucamanza**
ububasha n'ubushobozi bwo gusigura no gukurikiza amategeko, kimwe mu bubasha butatu butangwa n'ibwirizwa nshingiro rya Australia
*Amasentare muri Australia afise ububasha bwo guca imanza*

**ububasha bwo gushinga amategeko**
ububasha n'ubushobozi bwo gushiraho amategeko no kuyahindura, kimwe mu bubasha butatu butangwa n'ibwirizwa nshingiro rya Australia
*Hisunzwe ibwirizwa nshingiro, inama nshingamateka ifise ububasha bwo gushinga amategeko.*

**imyidegemvyo (umwidegemvyo)**
umwidegemvyo w'umuntu n'ukwikukira, ukwigenga
*Mu gihugu cacu kigengwa na demokarasi, abantu barafise umwidegemvyo wo kuvuga no gushikiriza ikiri ku mutima, uwidegemvyo wo kuvuga ikibabakiye, umwidegemvyo w'idini n'umwidegemvyo wo kuja hamwe mu mashirahamwe. Turaha agaciro iyo myidegemvyo.*

**umucamanza**
umucamanza wo muri sentare y'intango
*Umucamanza yasanze umusuma yagira icaha aca amuringika mu gasho.*

**abo mwabonanye amakuba**
gufasha no kwakira imfashanyo ivuye ku bandi, cane cane mu bihe bigoye
*Igihe imodoka yanje yapfa, abandi bagendesha imodoka baramfashije kuyisunika kuko dusangiye umwuga.*

**ururirimbo ruhayagiza igihugu**
ururirimbo rw'igihugu
*Ururirimbo ruhayagiza igihugu ca Australia ni 'Advance Australia Fair'.*

**demokarasi ifatiye ku nama nshingamateka**
ubwoko bwa Reta bushingiye ku matora y'abaserukizi baja muri Reta batorwa n'abenegihugu
*Muri demokarasi ishingiye ku matora y'abashingamateka, abantu baratora ababaserukira.*

**umugambwe**
umurwi w'abantu basangiye ivyiyumviro vyerekeye ukugene igihugu gikwiye gutegekwa kandi bakaba bipfuza gutorwa
*Abanywanyi b'umugambwe barahura kenshi, nk'akarorero, kugira ngo bahanahane ivyiyumviro vy'ukugene boteza imbere ugutwara abantu.*

**ivanguramoko**
urwikekwe, ivangura, gutotezwa canke inzankano byerekeza ku muntu kubera ubwoko, urukoba, ubwoko canke ubwoko aho ava
*Ivanguramoko rinyuranyije n'amategeko muri Australia kandi rigomba kumenyeshwa abapolisi. Ibirego birashobora kandi gutangwa muri Komisiyo ishinzwe Uburenganzira bwa muntu muri Australia.*

**gutorera ikibazo (Referendum)**
itora rigirwa n'abantu bose ku mpinduka kanaka yashikirijwe kw'ibwirizwa nshingiro rya Australia
*Muri Referendum yo mu mwaka wa 1967, abantu batoye guharura abasangwabutaka muri rusansuma*

uwuserukira abanda
umuntu akora mu gishingo c'abandi canke avugira abandi
*Uwunserukira mu nama y'umutumba yaranezerejwe n'iciyumviro canje maze aca agishikiriza mu nama y'umutumba*

kwubaha
kwerekana ko wubashe nk'umuntu canke ingingo bafashe
*Emily yaranezerejwe n'uko umuryango wiwe wubashe ingingo yafashe yo guhinduka umu Buddhist*

Intwaro yubahiriza amategeko
abantu, harimwo abanegihugu na Reta, bose bategerezwa kwubaha amategeko
*Uwo ari we wese muri Australia, harimwo n'umushikiranganji wa mbere, bari munsi y'amategeko yose yo muri Australia hisunzwe intwaro yubahiriza amategeko.*

Services Australia
ikigo cya Leta ya Australia gitanga serivisi zitandukanye zubuzima, imibereho myiza n'imibereho myiza binyuze muri Medicare, Centrelink, no Gufasha Abana
*Serivisi Australia itanga imfashanyo binyuze muri Centrelink hamwe nizindi serivisi.*

gutora mu mwiherero
uburyo bwo gutora aho abantu batora bari mu mwiherero, kugira ngo ntihagire umuntu n'umwe abatera igitsure kugira ngo batore mu buryo kanaka
*Mu matora yo mu mwiherero, nta n'umwe aba ariko araraba igihe wandika ico watoye*

ivy'isi
ibitandukanye n'ivy'idini
*Mu kibano kitisunga idini, nta dini rya reta ribaho.*

kwikwiza
gushobora kwibeshaho utarinze gufashwa n'abandi
*Kuba ufise akazi vyasigura yuko ashobora kwigurira ivyo kurya no kwirihira inzu. Yari yikwije.*

gushinga
kwubaka, gushinga, gutangura
*Buramatari Phillip yashinze ubwa mbere igihugu gitwarwa n'Abongereza muri New South Wales.*

ahantu
ahantu hari intwaro yo mu micungararo
*Amabarabara y'aho ntwarwa ameze neza cane.*

ugutegekaniriza kazoza
amahera y'abakukuruke, canke inyungu zo gufasha abatagira akazi, abagendana ubumuga, abageze mu za bukuru n'abandi ba ntaho nikora
*Igihe Trang yatakaza akazi kiwe, yasavye inyungu zategekanirijwe kazoza.*

Ibiro Bijejwe Kwegeranya Amakori(ATO)
ikigo ca Reta ya Australiya gicunga amakori hamwe na superannuation ishigikira kandi igatera imfashanyo kubanya Australia
*Buri mwaka abanya Australia benshi batanga amakori mubiro bishinzwe Amakori muri Australiya.*

uburangamutima
amahame afasha umuntu guhitamwo ivyiza n'ibibi, n'ukugene umuntu akwiye gukora mu bihe vyinshi bitandukanye
*Australia ifise uburangamutima isangiye, ivyo twita uburangamutima bwa Australia.*

ikorera bushake
umuntu aha umwanya wiwe uwundi muntu canke ishirahamwe mu kubikorera atiteze ko azohava ahembwa
*Raza ni umukorera bushake yigisha Ikingereza abantu akabigishiriza mu mihira yabo.*



# Iherezo ry’ikigabane co kubazwako